# Ubushobozi Bw'Imana Bwo Guhindura

Tucson, Arizona USA
11 Nyakanga 1965

1 Urakoze Mwene Data. [Mwene Data Carl Williams avuze ati: "Mu vy'ukuri ni amahirwe adasanzwekumugira Mwene Data Branham akaza araza kenshi cane muri Phoenix. Nibaza komuri Phoenix ahaza incuro nyinshi kuruta ahandi hose. Kandi dushaka yuko agumaaza, igihe cose nzoba ndi hano hafi, uko biri kwose. Imana iguhezagire MweneData Branham."—Umw.] Urakoze—urakoze Mwene Data Williams.

Mwaramutsebagenzi. Nda…Ibi vyavuye mu muryango wa Shakarian, Mwene Data Williams ba Mushiki wacu Williams, kandi benshi mu bantu ba hano barabizi. Ivyo narabibonyemw'iyerekwa, nk'imyaka ibiri canke itatu imbere yuko arwara, kandi vyarashitse.

Hanyuma mumwaka uheze igihe twari hano, nibaza ko hari muri Nzero, muri ca gikorane, harica gihe wa mupatiri (yitwa ngw'iki? Ndibagiye izina ryiwe aka kanya.) yarihano. [Umuntu umwe avuze ati: "Stanley."—Umw.] Stanley, Umwepisikopi Stanley,wo mw'ishengero rya Katolika. Muribuka hamwe yanzanira Bibiliya, murabizi,hanyuma ambwira…

Bwariubuvugishwa bwaje bushimika, ngo: "Mukobwa wanje, urakize."

Gusayar'azi ko iryo yerekwa ryari ryavuze yuko atokize. "Yatégerezwa hagati y'isahaumunani n'isaha icenda z'ijoro." Ivyo muravyibuka? [Umuntu umwe avuze ati:"Ego."—Umw.] Rero, isaha umunani canke isaha icenda.

2 Kandi sinari nshoboye kubibwiraDemos. Gusa n'ubwo bir'uko narabibwiye inabukwe, harya nyene mu cumba, haryanyene harabana n'aha. Namubwiye nti: "Ntazokira."

Muka Shakarian avuga ati: "Gusa, bosebariko baravugishwa."

Ndavuga nti: "Ni koko, noshoborakuba nihenze jewe ubwanhe, ari narabivuze. Ntazokira."

Narabibwiye benshi muri bo, nko mumyaka itatu iheze, nti: "Naramubonye ariko arakiranira ubuzima bwiwe, aca agwaku gitanda. Araramvura ukuboko kwiwe aboroga ampamagara nk'uku. Nanjesinari—sinashoboye no kumushikira. Hanyuma ndamubona ahwereye. Mazenditegereza, aho hantu hariho ikintu kanaka, hariho isaha, kandi yerekanaikintu kanaka hagati y'isaha umunani n'isaha icenda."

Hanyuma uwo mwepisikopi aravugaati: "Emwe, nzobikurikirana maze ndabe ingene ivyo bintu bizoshika." Nuko rero,vyarashitse.

3 Mu vy'ukuri turabihanganishije.Ndumva ko ishengero ryabuze umuntu adasanzwe, Mushiki wacu Florence Shakarian.Ariko, yari umuririmvyikazi adasanzwe, yari umugore yuzuye Mpwemu.

Nari kumwe na nyina wiwe, nyinawiwe ni we yabaye umuntu wambere naronse ku Nkombe yo mu Burengero, hamwe nyinawiwe yakira. Mu gihe abaganga…Yari muri koma, yavyimvye. Maze u—umugangayar'aho arambwira, avuga ati: "Ubu rero niwasenga uze gusenga bukebuke. Ntuzegutera urwamo rwinshi. Uwo mugore ari ku mpfiro."

Ndamwishura nti: "Ego,mushingantahe."

Hanyuma aravuga, uwo mwanya acaabandanya ambwira ibintu vyinshi. Emwe, ni nk'aho ata n'akaryo yampa ko kuvugan'ijambo rimwe.

4 Burya, yabaye Mwene Data Demos yambwiye ngo mbandanye nduge nje kumuraba.

Nuko ndugahejuru. Kandi Florence yari apfukamye hasi, hamwe n'umukobwa muto mwiza, be n'abandibagore. Turajayo, turamusengera, hanyuma turabivuga. Kandi yari yataye ubwenge.Twaramubwiye ko azongera kuvyuka. Kandi yaravyutse. Inyuma y'imyaka mikeya, acaarapfa. Kandi na none Imana irishura amasengesho yacu.

Kanditurabizi, twizera ko twese twaje hano kubera ubugombe bw'Imana, kandi ukwonyene ni ko tugenda. Umwumwe, twese tuzokwambuka iryo rembo. Kandi rero iyo niyo mpamvu turi hano muri iki gitondo, dukoraniye hamwe muri iri sangira ryaGikristo ry'Abadandaza b'Abakristo, ni kugira ngo tuvuga kw'ivyo bintu, twongeretuvyitegurire, kubera ko turazi neza ko bizoza ata kabuza.

5 Ubu Mushiki wacu Florence ni umugore akiri itoto, afise imyaka mirongo ine n'ibiri,Mwene Data Williams yarabimbwiye, ngo aracari umuyabaga. Ariko imbere yuko ba…yaramenyeko arwaye iyo ndwara, emwe, mw'iyerekwa namubonyemwo, ambwira uko bizogenda.Noneho, vyoba…Imana irazi vyose ku bijanye na vyo, kandi yabonye Yesu mu cumba imbereyuko agenda. Ntabwo dushaka kumusengera, kuko twarabikoze bihagije. Dushakagusa gushimira Imana kubw'ubuzima bwari hagati yacu, ubwaduhumekeye twese, nkaMushiki wacu Shakarian.

Kandi turashakagusengera Mwene Data Demos, Mushiki wacu Rose. Kandi mwibuke, bagize

ivyagobikomeye mu buzima bwabo, mu bihe vyashize…ni se, na mushiki we ubu bari mu…mumyaka yashize. [Umuntu avuganye na Mwene Data Branham —Umw.] Ariko, kandi, ego,musi ya…musi, amezi cumi; na Mushiki wacu —Mushiki wacu Edna, na we nyene.

6 14Rero, ndaziuburyo bwo kugirira ikibabarwe Mwene Data Demos. Nari mfise data, mwene wacu,umugore, n'umwana, kugenda mu minsi mike itandukanye, aho nda—ndazi ingeneyumva ameze muri iki gitondo. Wewe wenyene ni we ubimenya iyo uhagaze muri izo nkweto,ni ho umenya uburyo bwo kugira ikibabarwe. Kandi…

[Ivyuma biduza bivugije urwamo—Umw.] Nijewe ndabigize. Murantunga. Nkojeje igikoresho gito hano ahantu kanaka,n'ukuboko kwanje. Rero mu—rero murantunga kubona biteye urwamo cane, si vyonari nabigambiriye.

Noneho rekarero duhaguruke kano kanya mu gihe…nimba mubishoboye, nimba ari…Reka twunamikeimitwe yacu.

7 Data womuw'Ijuru, twakoraniye hano muri iki gitondo kugira ngo tugusenge, kanditugushimire kandi tuguhimbaze, kubwo kurungika Yesu Umucunguzi wacu, kugira ngotugire ivyizigiro inyuma y'aho ubu buzima buba burangiye, kuko bigaragara nezayuko tutazoguma tuba ng'aha ibihe vyose. Kandi, Data, kubona ibihe bibi iyimibiri ishobora kwinjiramwo, turanezerewe kubona atari ngombwa ko tuguma hanoigihe cose. Waraciye inzira yo gutorokeramwo, iaca mu kiyaya c'urupfu.

None,Data, turagushimiye muri iki gitondo, kubw'ubuzima bw'umuntu yahagaze hagatiyacu, mu gihe kitarenze umwaka, aririmba amashimwa yawe, Mushiki wacu FlorenceShakarian, nk'uko twari tumuzi. Kandi wari watubwiye kera cane, mbere imyakamyinshi, yuko ibi vyari bigiye gushika, kugira ngo ntibizodutangaze cane. Kanditurazi yuko ivyo uvuga ari ukuri. Hanyuma Ijambo ryawe rivuga riti: "Uwavyawe n'umugore,amara iminsi mike kandi yuzuye amaganya." Turabizi kw'ari vyo, Mwami. Turazi kotwese dutegerezwa kumanuka duce muri ico kiyaya. Turagushimiye rero kubw'ubuzimabwiwe bwari hano kw'isi. Kandi turizera kubwo kwizera, yuko ubu, muri ikigitondo, yavuye muri uru rusago rutindi rw'akaranda, yinjira mu mubiri w'ubwizaudashobora kurwara na mba. Ese impano yiwe yo kuririmba, n'ijwi yari afise, n'umutimawiwe wuzuye rwose ubuntu hamwe na Kristo! Nuko atoshobora kugaruka muri ikigitondo, ntabwo yobikora na gato; vyoca biba ngombwa kw'asubira mur'ivyo vyose.Ivyo na vyo ubu bikaba vyarangiye, ari kumwe na nyina na se. Bahamagaye umwanawabo murugo. Rero, twe - turagushimiye.

8 Turagombakandi gusenga dusaba ihumure, kubwa Mwene Data Shakarian, Mwene Data dukunda cane,tuzi u—ubuzima yabayeho, n'amakuba ariko aracamwo mur'iyi minsi iheruka, n'ukuntuameze; raba ariko arasaza, umushatsi wiwe uriko ugenda umuherana, ibitugu vyiwebigenda binyunyuka, yamara n'ubwo bir'uko aguma agerageza kuguma ku rubugakubw'Imana. Mana, muhe inkomezi uyu munsi. Turasenze, Mana, kugira ngo ubikore.Ku bantu bose babuze mur'ukwo kugenda kwiwe, turabasengeye bose.

Kandireka, Mwami, mu gihe turiko turazirikana kur'ibi, twibuke ko natwe umunsi umwetuzotegerezwa kugenda. Mu gihe twicaye hamwe hano mu Nyonga z'Umwami Yesu, twosabako ibi wobigira itoto mu mizirikanyi yacu. Reka dusuzume, nk'uko vyari bimeze, nakotugire icegeranyo c'ubuzima bwacu, yuko turi musi y'amaraso no mu Kwizera. Bikore,Mwami.

9 None mu gihengerageza muri ibi bihe kuzana ubutumwa buto kur'aba bantu, uyu munsi, ndasenzengo umfashe, Mwami. Mpa inkomezi, kuko nda—nda—ndazikeneye, Mwami. Kandi ndasenzengo ubikore. Reka havugze ikintu kiguhesha icubahiro gusa. Kandi nimba hari abarikobarumva iri jwi ryacu muri iki gitondo, batiteguriye guhangana n'igihe kiriimbere yabo, reka iki kize kuba ari co gihe baza kwihebera Umwe Yavuze ati:"Ni Jewe Nzira, Ukuri n'Ubugingo," mbere ni Umwami wacu Yesu Kristo. Kuberako tubisavye mw'Izina ryiwe. Amen. (Murashobora kwicara.)

10 [Umuntu umweari ku ruhimbi avuganye na Mwene Data Branham—Umw.] Uyu Mwene Data hano agombakumenya nimba bose babasha kwumva neza. Afise mikoro zibiri. Vyose bimeze neza?Murashobora kwumva? Kiriza amaboko nimba munyumva. Murashobora kwumva? Kirizaamaboko yawe. Neza cane.

Muradutungakubona tudafise ikibanza gihagije co kwicarikamwo abantu bose muri iki gitondo.Kandi turizera ko ntaza kumara umwanya muremure hano, birahagije kumbure kuzanakumbure isomwa ry'Ijambo; yuko Umwami Imana aza gusonera Ijambo ryiwe rigiyegusomwa, maze bikaduha ubuntu bwiwe, kugira ngo tumukorere kubera bwo.

11 Reronabwiwe na Billy Paul, muri iki gitondo, yuko bishoboka ko tuzovuga kuw'Iyingautaha mw'Ikoraniro ry'Imana rya Grantway, i Tucson. Nimba hari umuntu hano ava iTucson, nshobora kutabonana namwe muri iri yinga. Mw'Ikoraniro ry'Imana ryaGrantway, kuw'Iyinga utaha.

Ubu rerotwagarutse tuvuye i burasirazuba, kandi bisa nk'aho nabaye buhunge gato, kuberakurya cane, hamwe n'ubugwaneza bw'akaburarugero bw'abantu bo hiy'epfo mu misozi.Kandi—kandi nararwaye,

rero ntabwo niyumvise neza mur'iyi ndwi. Rero, munsengere.Hanyuma…

12 [Umuntuumwe avuze ati: "Izo ni Opossum nyinshi."—Umw.] Uvuze ngw'iki? ["Izo ni Opossum nyinshi."] Mwene DataCarl Williams kwa kuntu kwiwe kwo gutwenza, kandi ndibaza ko tubikeneye akakanya nyene, avuze ngo «Ni kubera Opossum nyinshi.» Sinzi kw'ari ivyo, MweneData Carl, ariko ni imihare myinshi.

Rero niwagomba kugira uwo usengeye muri iki gitondo, emwe, njye nobi—nobishimwarwose hamwe amwe mu masengesho yanyu mbayemwo, kuko ndaya—ndayakeneye.

Kano kanya tugomba twinjire mw'Ijambotwihuta.

13 Kandi sinshaka kubafatira hano umwanyamunini, kubera ko nizera ko mu gihugu hose hari umurongo wa telefone, muri ikigitondo, uva ku Nkombe y'Uburengero gushika ku Nkombe y'Ubuseruko, kuva muBuraruko gushika mu Bumanuko. Amakoraniro menshi cane yakoraniye hamwe nk'uko mwesemwakoraniye hano mw'ihema. Bose bari ku murongo wa terefone hiyo ruguru muriPhoenix, hose ahari ibikorane, biza ikibiriraho…Kandi bakoraniye mu mashengerono mu mazu, n'ibindi nk'ivyo, biciye mu muhora mwiza cane. Bavuga ko ari vyizakuruta kw'iradiyo. Ni ibikoresho vya terefone, bashira bafata icuma cakiraimipfunda y'amajwi canke mikoro, canke ikindi cose, mu nyubako. Hanyuma baca ba… Umugorewanje yavuze, avuye muri Indiana kuw'iyinga uheze, hiyo muri Tucson, vyaribimeze nk'uko woba uri aho biriko birabera. Rero turasenga kugira ngo Imana ihezagireabari ku murongo bose muri iki gitondo, aho bari hose. Hiyo ruguru i New York na ho bizakuba, yewe, ku muhingamo, no mu masaha atandukanye hirya no hino mu gihugu.

14 Kano kanyamu Gitabu c'Abaroma, igice ca 12, hanyuma umurongo wa 1 n'uwa 2,twifuza—twifuza gusoma iki Canditswe.

Nuko Bene Data Ndabahanurakubw'imbabazi z'Imana, ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimaze bizima vyera,bihimbara Imana, ni ho kuyikorera kwanyu kwogira ikimazi.

Ntimushushanywe n'ivy'iki gihe,yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha, kugira ngo mumenye neza ivy'Imanaigomba, ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose.

Ubu rero,Umwami abishatse, nshaka gufata umutwe w'icigwa kubwa kino gitondo uvuga ngo: Ubushobozi Bw'Imana Bwo Guhindura.

Ntimushushanywe n'ivy'iki gihe,yamara muhinduke rwose, mugize imitima misha, kugira ngo mumenye neza ivy'Imanaigomba, ni vyo vyiza bishimwa, bitunganye rwose.

15 Igisomwaca kera kimenyerewe na benshi mu bungere banyu, ico bakunze gukoresha mu mwanyawanyu. Carakoreshejwe kuva candikwa. Ariko yamara, ikintu kimwe kijanyen'Ijambo ry'Imana, ntirisaza, kuko ni Imana. Ntiryigera risaza. Ryaciye hafi murunganwe rwose uko rwagiye rukurikirana, hafi imyaka ibihumbi bibiri n'amajanaumunani, canke iyirenze iyo, iri Jambo ry'Imana ryarasomwe n'abantu, abaherezi,n'abandi benshi, yamara ntiryigera risaza. Nararisomye, jewe ubwanje, kumara myakaigera kuri mirongo itatu n'itanu. Kandi igihe cose iyo ndarisomye, nsangamwoikintu gishasha mba ntabonye hamwe ubwa mbere. Kubera, ryarahumetswe, ni Imana mumero y'inyuguti. Murabona, ni ibiranga Imana bivuga, hanyuma bigashirwa ku mpapuro.

16 Kenshi,umuntu avuga ngo: "Erega, umuntu ni we yanditse iyi Bibiliya." Oya. Bibiliyaivuga, ubwayo, yuko Imana ari yo yanditse Bibiliya. Ni Ijambo ry'Imana.

Kandi ntirishobora kunanirwa na mba. Yesuyavuze ati: "Ijuru n'isi bizoshira, bizovaho, ariko Amajambo yanje ntazokwigeraananirwa." Rero ntirishobora kunanirwa, hanyuma ngo ribe Imana, kuko Ryoni iriyigize.

Hanyuma nawe kubera uri umuhungu wayo n'umukobwa wayo, uri uwugize iryo Jambo, kandi ivyobikugira igice cayo. Ni na co gituma tuza kugiranira isangira hamwe dukikuje y'Ijambory'Imana.

17 Rero irijambo guhindura, nararavye murikazinduzi, ejo hahise. Mu gihe nahatswe kunanirwa kumenya umwanya nategerezwakuba nashitse hano, mu gihe nariko ndarondera igisomwa, nca ndaronka iri jambo,ahubwo iki gisomwa, nako, iki Canditswe. Rero muri kazinduzi havuga ko ari"ikintu cahinduwe." Gitegerezwa "guhindurwa." Guhinduka,"kigirwa igitandukanye n'uko cahoze kimeze, cabaye…uko cari kimeze ben'ivyaco vyose biba vyarahinduwe muri co," guhindura.

18 Kandi muriiki gitondo ndiko niyumvira mw'Itangiriro 1. Iyi si yari itagira ishusho, kandiyari ubweranyange, kandi umwijima wari kuri yo; nta kindi cari gihari kiretse urudubirunengesereye. Kandi igihe iyi si yari imeze uko, Mpwemu w;Imana yatambatambahejuru y'amazi, maze ishusho yose irahinduka; kuva mu rudubi runengesereye,gushitsa kw'itongo rya Edeni. Ubwo bushobozi bw'Imana buhindura, ubwo burashoboragufata ikintu ata co kimaze hanyuma bukagihinguramwo ikintu c'akaroruhore murico. Ubushobozi bw'Imana buhindura!

19 Dusomye Ivyanditswe,dutahura yuko Imana yamaze imyaka ibihumbi bi—bitandatu iriko iragutegura iyiEdeni. Aho rero, Ishobora kuba itamaze ico gihe cose; ariko ndakeka gusa, kandindabikura mu Canditswe ahavuga ngo "umunsi umwe ku Mana, ni imyakaigihumbi kw'isi," ni kuvuga, hamwe bibaye ngombwa kw'Imana iharura igihe.Vuga ko hari imyaka ibihumbi bitandatu yari afite muguhindura isi, kandi yariyarateye isi imbuto nziza zose. Hariho ibintu byose byari bitunganye.

Nibaza ko kenshi,iyo n'abanegura batanguye gusoma Igitabu c'Itanguriro, baca batangura kukinegura,kuko bisa nk'aho kiguma cisubiramwo ubudahengeshanya, canke kikagumakikujuragiza aha na hariya.

Ariko hamwetwitegereje gato, imbere yuko twinjira mu gisomwa cacu, nuko Mose yabonyeiyerekwa. Kandi Imana yaravuganye na we. Imana yavuganye na Mose imbonankubone,umunwa ku gutwi. Ubu rero, ntiyigeze avugana n'uwundi muntu mw'ubwo buryo, nk'ukoYabigira kuri Mose. Rero, Mose yari umuntu ahambaye, umwe mu bavugishwa bahambayebose. Yari ikigereranyo ca Kristo. Rero Imana irashobora kuvuga, Irafise ijwi. Ryarumviswe.Imana irashobora kuvuga.

20 KandiImana irashobora kwandika. Imana ni yo yiyandikiye vya vyagezwe cumi n'iminwe yayo.Igihe kimwe Yaranditse ku nkuta z'i—z'i Babuloni, Ikoresheje iminwe yayo. Igihekimwe Yarunamye Yandika ku musenyi, n'iminwe yiwe. Imana irashobora kuvuga.Imana irashobora gusoma. Imana irashobora kwandika.

Imana ni yoSoko y'ubuntu bwose n'Ubushobozi bwose, n'ubwenge bwose bwa Kimana, buri muMana. Kubw'ivyo rero, turazi ko ari yo Muremyi rudende abaho. Nta wundi muremyiabaho atari Imana. Satani ntashobora kurema na gato, agoreka gusa ivyamazekuremwa. Ariko Imana ni yo Muremyi rudende.

Kubw'ivyo,Yaremye ikoresheje Ijambo ryayo. Yarungitse Ijambo ryayo. Rero imbuto zose yariyarashize kw'isi, Yaremye izo mbuto kw'Ijambo ryayo bwite, kuko nta kindi kintucari gihari co gukuramwo imbuto. Yari yarazishizeho, kandi zari musi y'amazi.Yabaye buvuge gusa ngo: "Nihabeho iki,nihabeho kiriya."

21 Rerokenshi dusanga umengo Bibiliya irivuguruza canke ikavuga ikintu kanaka gisank'aho atari co yashatse kuvuga. Nk'akarorero, mw'Itanguriro 1 dusanga ko,"Imana yaremye umuntu mw'ishusho yayo, mw'ishusho y'Imana ni ho yamuremye;ibarema ari umugabo n'umugore." Hanyuma irabandanya, ibintu vyinshi birashikakw'isi.

Hanyuma tugacatuza gusanga ata muntu wo kurima isi yar'ahari. "Hanyuma Imana irema umuntu mumukungugu w'isi." Uwo yari umuntu atandukanye. "Imuhumekeramwo impwemuw'ubuzima, ahinduka umushaha muzima."

22 Umuntu wambere yari mw'ishusho y'Imana, na yo Ikaba ari Impwemu. Yohana 4, havuga hati:"Imana ni Impwemu, kandi abayisenga babwirizwa kuyisengera mu Mpwemu no muKuri." Ariko Imana ni Impwemu. Kandi urya muntu wa mbere yaremye, yariumuntu-mpwemu, kandi yari mw'ishusho kandi asa n'Imana.

Hanyuma ishirauyu muntu mu mubiri, uwo muntu aca aragwa. Niho rero Imana yamanuka ihindukaishusho y'umuntu, kugira ngo icungure uwo muntu yaguye. Iyo ni yo nkuru yanyayo y'Ubutumwa Bwiza, ukwe jewe—uko jewe ndabibona.

23 Rero,Imana, mu myaka ibihumbi bitandatu, yari yarabivye izo mbuto nziza zose, nakoyari yavuze Ijambo ryayo. "Bizoba bityo. Iki giti kizoba gurtya. Ivyo bizobagurtya." Ibintu vyose vyari bitunganye. Vyari vyiza gusa. Kandi Yategetse buri imwemuri izo mbuto zobayeho, zigahindura igiterwa c'ubwoko bw'ubuzima Ijambory'Imana ryari ryaravugiye muri zo uko zotegerejwe kumera. Nimba cari igiti c'amufe,categerezwa kwama amufe. Nimba cari ikigazi, categerezwa kuvamwo ikigazi.

Kuberagusa uwo Muremyi ahambaye yari amaze kurungika Ijambo ryiwe, kandi urubuto rw'Ijamborwari aho imbere yuko imbuto nyayo inabaho. Hanyuma Ijambo rirema izo mbuto. Murabona,"Yaremye isi mu bitaboneka." Murabona, Ya—Yaremye isi kw'Ijambo ryayo. Imana yaravuzevyose birababaho.

24 Kandi kuberaari Imana, Umuremyi, yaravuze maze vyose birabaho, igomba kuba yari isiitunganye. Hari ahantu heza h'akaroruhore. Yari i—iparadizo nyayo hano kwisi.

Ubu reronk'uko bisanzwe bimeze, ahantu hose hategerezwa kugira umurwa mukuru ahantu kanaka.Iki gikorane kirafise umurwa mukuru, kandi iri shami rirafise icicaro gikuru, kandin'ishengero rirafise umurwa mukuru. Kandi Imana irafise umurwa mukuru. Kandirero aha hantu heza, ikihambaye yari ifise umurwa mukuru, kandi uwo murwamukuru wari hamwe mw'itongo rya Edeni, canke muri Edeni, mu buseruko bw'iryotongo.

Nuko Imanaishiraho abo, kugira ngo baganze ibiremwa vyayo vyose bihambaye hano kw'isi,umuhungu wayo n'umugeni wiwe, Adamu na Eva.

25 Imana yariSe wa Adamu. "Adamu yari…umwana w'Imana," ni ko Ivyanditswe bivuga. Yari umwanaw'Imana.

Imana yaramubumbiyeumufasha, imukuye mu mubiri wiwe; kumbure urubavu uvuye ku mutima wiwe, kugira ngoabe uwumwegereye, nuko imubumbira umufasha. Mu vy'ukuri ntabwo yari umugore wiwekugeza ubwo, nk'uko na we atari umugabo; Yari imaze kubivuga gusa. Kandi aho niho ingorane zadukanye, Satani yamushikiriye imbere yuko Adamu amutwara. Rero, ryariIjambo ryayo gusa yari yavuze.

26 Mvuze ivyo,sinshaka kumara umwanya munini kuri ivyo. Ariko bamwe muri mwebwe murashobora kuzazanirwagato, cānecâne bamwe mu bantu bo hiyo mu bumanuko, basa nk'aho ibi bibazazaniragato, ku Butumwa mfise buva ku Mana uyu munsi, ku bantu, bumwe buvuga ku vyerekeyeuruvyaro rw'inzoka. Kandi ngiye gusubira muhira Umwami abishatse, umwe mur'iyiminsi, ngana i Jeffersonville. Nshaka n'imiburiburi ubutumwa bw'amasahaatandatu, hanyuma ivyo bintu vyose ndabitomore ndabishire ahabona, murabona, gurtyonzobivuga ku buryo muzomenya ivyo tuba turiko turavuga. Kandi ni NI K'UHORAHOAGIZE. Ni ukuri nk'uko vyari bimeze igihe Yabona Mushiki wacu Florence imbereyuko agenda, imyaka itari mike. Murabona,ni ukuri. None ubu, tura…kumbure ko bitahurwa nabi.

27 Hamwe habaye umuntu antumbera, akambwiraikintu kinyuranye na vyo, na jewe ubwanje ni nk'aho nobitahura nabi. Sinshakakunegura ivyo umuntu wese avuga. Si ngombwa kunegurana. Sināgîrwa no gukoraivyo; ndashimira Umwami. Kuva kera namye negura icaha no kutizera; ariko atari umuntuku giti ciwe, murabona, nta—ntavyo nkora. Turi—turi Bene Data na Bashiki bacu, turikoturwana tugana kumanuka aho Mushiki wacu Florence yagiye ejo mu gitondo, murabona.We ya…Twe—twese dutegerezwa kujana iyo nzira. Kandi ntabwo intego yanje ari ku—kugeragezakunegura Mwene Data canke Mushiki wacu atemeranya namwe. Oya, bibe kure yanjekubikora! Sinibaza ko muzokwigera muronka ibande aho nigeze kuvuga izinary'umuntu n'umwe. abo, maze kwumva incuro nyinshi umuntu yihenda, ariko ivyobiri hagati yabo n'Imana. Ariko ikinyoma, ni inzira y'icaha n'i…Kandi gutahuranabi rimwe na rimwe ntabwo ari icaha, ni ukudatahura kw'abantu gusa. Hanyumajewe ni—nibaza twese dufise uburenganzira bwo guserura ugutahura kwacu.

28 Rero uyu Muremyi ahambaye yari yashizehoumuhungu wiwe yaremye. Nuko rero, Adamu yari umuhungu wiwe wa mbere yaremye.Yesu yari Umwana wiwe w'ikinege, miurabona,Yavyawe n'umugore. Ariko Adamu yari yaje ikibiriraho avuye mu kiganza c'Imana, mw'irema.

Rero umurwa mukuru, hamwen'umuhungu wayo be n'umugeni w'umuhungu wayo bari hejuru ya vyose, vyaribitunganye. Hariho u—umuntu, umutware wa vyose, umuhungu wayo bwite be n'umugeniwiwe.

Kandi imbuto zose zari zitunganye,ibigazi, amufe, ivyatsi, inyoni, n'ibikoko. Kandi ibintu vyose vyari mu rutondeneza kw'Itegeko ry'Imana, "Ntimuhindure kamere yanyu. Vyose birondokebivanye n'ubwoko bwavyo, imbuto zose! Ryufe, ntuze wigere uvangana n'igiti c'ipera."Reba? "Kigazi, ntuze wigere uvangana n'ikindi kintu. Ariko imbuto zose bivanyen'ubwoko bwazo!"

29 Kandi Yara—Yarabikurikiranye uko ibihe vyagiye bikurikirana.

Rero Yari Yavuze Ijambo. Kandi Ubushobozibwayo buhambaye burema zari zararemye ivyo bintu vyaserutse, mbere n'umugabo hamwen'umugore. Kandi bari umutwe kuko bari…bari agakura hejuru y'ayandi moko yose.Kandi Yabashize mu burinzi bwa ca kintu nyene Yashiriyeho ibiti, ibikoko, n'ibindi:Ijambo ryayo. Ntibategerezwa kwigera na rimwe, habe na gato, kurenga iryoJambo. Bategerezwa kuguma Aho. "Ntuze wigere ukura ikintu na kimwe kuri Ryo, cankengo wongereko na kimwe kuri Ryo! Utegerezwa kubeshwaho n'iri Jambo."

Kandi igihe cose ivyo vyaremwe vyarikubaho gurtyo, Mushiki wacu Shakarian ntivyari kuba ngombwa ko kino gitondo abayagiye, igihe cose vyari kuguma gurtyo, ubutunzi buhambaye bw'Imana! Ivyo nivyo twizera ko turiko turegereza kugarukako. Tugiye kugaruka aho hantu, mur'icokibanza.

Aho muri ca gitondo kigira indwi,igihe Imana yavyitegereza vyose, hanyuma Iravuga iti: "Ni vyiza. Bi—birampimbaye.Ego, nda—nda—ndanezerejwe no kuba ndabiremye. Kandi ubu vyose biragenzurwa.Kandi narizigiye umuhungu wanje n'umugore wiwe, yuko—yuko bazo—(nabagizeumutware wa vyose), yuko bazobicunga vyose bakaraba ko vyose bimeze neza, yukoibintu vyose bizorondonka bivanye n'ubwoko bwavyo. Ubu arafise ubushobozi bwakubikora." Hanyuma Imana iravuga iti: "Emwe, nimba vyose ari vyiza cane,kandi ntibishobora kuba ikindi, kuko ari icipfuzo canje. Ni ko ndabishaka.Kandi nabivuze gutya, kandi ehe Amajambo yanje yabizanye neza nk'uko nabishaka.None ehe ng'ibi. Vyose ni vyiza!" Maze Bibiliya ivuga iti: "Imana iruhuka ku munsiw'indwi, ibikorwa vyayo vyose."

30 Rero ibintu vyose vyari bigenzuwe,kugira ngo birondoke nk'uko ubwoko bwavyo buri. Noneho mwibuke, "kurondoka." Igiheyashira imbuto mw'isi, urubuto rushobora gusa kunagishwa n'ubushobozi bw'ubuzimaburi muri rwo, kugira ngo buhindure urubuto kuba igiterwa, canke ikindi ico arico cose. Ubushobozi bwayo buhindura! Rero, Imana yashizemwo imbuto, hamwe n'ubushobozibutuma zivamwo ico Yavuze ko zovuyemwo. Kandi igihe cose zagumye mu cicero cazo,ziba neza na neza ico Imana yavuze ko zobaye. Zategerezwa kumera gurtyo, kuko ukoni ko Yari Yaraziremye, ishiraho umuhora. Aho, ikintu cose kiguma mu muhorawaco, ku murongo wayo w'Ijambo, kizotegerezwa kurondoka neza na neza

nk'ukoIjambo ryayo ryabivuze. Ntibishobora kuva ng'aho. Biba vyaciye mu muhora neza.Rero, hamwe n'ibintu vyose mu kwizigira umuhungu wayo bwite, yuko vyobaye gurtyo,noneho Imana iravuga iti: "Vyose ni vyiza, rero hinge niruhukire. Kandiburi rumwe rwose muri izo mbuto rufise ubushobozi muri rwo bwo kuruhindura mubwoko nipfuza ko ruba. Uko ni ko bitegerezwa kugenda, kuko nahaye imbuto zose ubushobozibwo guhinduka, kugira ngo zivemwo ubwazo, mu bushobozi bwazo kugira ngo zivemwoneza na neza ico nshaka."

Imana ntiyigeze ihinduka. Ni YaYindi nyene n'uyu munsi nk'uko Yari ameze ico gihe! Imana iramaramaje gukoraikintu kanaka. Izogikora. Nta kintu na kimwe kuzoyihagarika. Izogikora!

31 Noneho vyose bimaze gutungana, kandi bikaja mu buryo, Imana yumvise mu vy'ukuri mw'ico gihe ko ivyo vyose vyarivyiza, hanyuma, igihe Yabikora, munyuma bizamwo umwansi. Ngiye ku…Imana yatanzeubushobozi bwo guhinduka. Kandi ngiye kuvuga uyu muntu, afise ubushobozi atariubwo kwongera ku—kurema, ariko ngira…Yari afise ubushobozi bwo kwonona, atariubwo guhindura; ariko kwonona. Ubu rero, ikintu cose cononekaye gituruka kunkomoko yaco, hariho ikintu kitagenze neza kuri co.

Mu myaka mike ishize, kw'irondo, nariko ndugamu mirima y'ibigori, niyumvira, hari ikigegene c'igiti casenyukiye ku bigori. Reroivyo bigori vyariko bigerageza gukora ibishoboka vyose ngo bihaguruke bimere nk'ukovyari bikwiye kumera, ariko vyari vyononekaye kubera ico kintu cari cabaye. Icokigegene cari kibirambarayeko.

32 Hanyuma turabona ibirandaranda mu murima. Ivyo,benshi muri mwebwe abagabo ba hano, kandi birashoboka ko bamwe muri mwebwebagore…nimba mukomoka Kentucky. Abagore bakoresha isuka ng'aho co kimwe n'abagabo,bakaja mu murima bafise amasuka, za suka za kera zisongoye, hanyuma ukabagara ivyobirandaranda ukabirandura. Kubera ko, ivyo birandaranda utabibagaye ngoubikureyo, aho ivyo bigori biba biriko birakura, nk'uku, noneho ivyo birandaranda birashobora gukura, bigaca bifata icokigori, hanyuma bikakizigiriza buhoro buhoro, mu buryo bworoshe, bukebuke, ku buryoutoshobora kuvuga ko biriko biravyizingirako. Hanyuma amaherezo birakomera bigasubirabigakomera, bikizingira kur'ivyo bigori bibifyonda gushika vyononekaye. Birikwega,bikazigiriza umuzabibu; bikawonona uvuye uko war'umeze, ukaba ikindi kintu. Bibaari ibigori, ariko ni ibigori vyononekaye.

33 Kandi twese turacari mw'ishushoy'Imana. Ariko bamwe barononekaye cane, nk'abana b'Imana, ku buryo bagendabanyuranya n'Ijambo ryayo be n'inzira Yaduhaye kandi Yadutegekanirije kugenderamwo.Barashiraho ikintu kanaka, isi iradukura mu nzira, ikatwegereza hafi yayo, mazeikatujana kure y'iyo nzira igororotse, ifunganye Yaduteyemwo yo kuba abahungu n'abakobwab'Imana. Icaha ni co cakoreye iki kintu c'ubuyobe abahungu n'abakobwa b'Imana.

34 Umwononyi! Ndazi ko ibi bisa nk'ahoibitangaje kubivuga muri ubu buryo, "kwo—kwonona," ariko ico ni coyari; yarononye, canke yaragoretse. Kugoreka bisobanura "guhindura, kugiraikindi kintu gitandukanye." Kandi kwonona ni ico kintu nyene, ivyo vyarazanywe mazebirononwa, maze "bigirwa ukundi." Yamara iguma ari mbuto nyene, ariko vyarononywe.

Noneho dusanga ko uyu mwononyi nawe yaronse igihe kingana ukwo nyene, co kwonona, ca gihe nyene Imana yamara irikoirahindura. Rero yarabivye imbuto yiwe, nako, ntabwo yigeze ateraimbuto,… mw'itongo rya Edeni. Kuva ico gihe, yaronse imyaka ibihumbi bitandatuyo kwonona iyo Mbuto y'Imana, Ijambo ry'Imana; kuryonona, kurigira ikindi kintugitandukanye; igihe a…igihe Eva yamutega amatwi ubwa mbere, maze yumvairyungane rito rimwe gusa.

35 Mwibuke, Satani yabanje kumusubiriramwoIvyanditswe mu buryo butomoye uko bishoboka, ngo: "Mbega Imana yavuze ngo:'Ntuzorye ku biti vyose biri mw'itongo rya Edeni'?" Murabona? Ngo "Ntimuzoryeku biti vyose?"

Kandi mwibuke kano kanya, Eva amwishura ati:"Ego, turashobora kurya ku giti cose; havuyemwo igiti kiri hagati mw'itongo,ntidutegerezwa no kugikoraho." Noneho mumwitegereze, mu butumwa bwiwe, ahindureiryo Jambo gato. Mu kuvuga…Eva yavuze ati: "Kuko Imana yavuze yuko ivyo nitwabikora,uwo munsi nyene tuzoba dupfuye."

Aramubwira ati: "Ôo, mu vy'ukurintimuzopfa." Murabona, yari u—umuntu, aramubwira ati: "Wewe—wewe—kora ibikano kanya. Kandi, bisa nk'aho muri abantu mutagira na kimwe muzi. Mwebwe, mu vy'ukuri,ntabwo muzi vyose. Ariko hamwe gusa mworamuka muriye kur'ibi gusa, noneho mwocamugira ubwenge, mwoca muronka ukumenya. Mwoca mumenya iciza n'ikibi maze mukamerank'imana, mwebwe, hamwe mwokwakira kur'ubu bwenge mfise. Ndabizi, ariko mwebwentavyo mubizi."

36 Emwe, ni vyiza kugira ubwenge.Ariko iyo ubwenge bunyuranye, iyo ubwo bwenge atari bwa bwenge bw'ukuri buva kuMana, ubwenge bwa Kimana, kandi bukaba ari ubwenge busanzwe, sinitayeho ngo niubushakashatsi bungana gute dufise, n'ibindi vyinshi, canke ubumenyi, ni ivy'umurwanizi.Ndaza kubibereka, Umwami niyabigomba, mu minota mikeya. Ni ivy'umurwanizi.

Amajambere ava ku murwanizi. Ivyo narabivuzekomu mu butumwa bumwe. Imico yose iri kw'isi,

ububasha bwose bw'ubushakashatsi, n'ibintuvyose, ni ivy'umurwanizi. Ni bwo butumwa bwiza bwiwe yigishije bw'ubumenyi,mw'itongo rya Edeni. Kandi yafashe ubwo bumenyi, ubumenyi bugoramye, bunyuranyen'Ijambo n'ubugombe n'umugambi w'Imana. Rero ubu yaronse imyaka ibihumbibitandatu yo gukora neza na neza ivyo Imana yakoze, gusa mu buryo bugoretse,kandi yafashe umwanya ungana wo kuzana Edeni yiwe bwite. Ubu afise Edeni hanokw'isi, kandi iyo Edeni yuzuyemwo ubwenge, ubumenyi. Ubwo ni bwo bwari ubutumwabwiza mu ntango, ubumenyi, ubwenge, ubushakashatsi. Ntabwo Imana yigeze yita kubintu mwen'ivyo. Kandi nda—ndashaka ko mwitegereza gato. Ibi yarabikoze, kandi nikubera ko yari umuntu w'ubwenge bw'isi.

37 Ubu rero, ibi biragoye kubivuga. Bi—biragoyecane, kubera kuvugana n'abantu biyumva kimwe nanje, n'ukuntu nabayeho imyakamyinshi. Ariko kuva kw'iyugururwa ry'Amashashara Ndwi, muri ba Bamarayika hariyainyuma y'umusozi hakurya, Ikicahindutse Igitabu gishasha. Ni ibintu vyari binyegejwe biriko birahishurwa nk'ukoImana yabisezeranye mu Vyahishuriwe Yohana 10, yuko Yobikoze. Natwe turi abantubahiriwe Imana yahisemwo bo kw'isi, kugira ngo dushobore kubona kandi dutahureibi bintu; na vyo bikaba atari ivyiyumviro vy'imigani, vy'umubiri ivyo umuntu ageragezakwiringaniriza. Ni Ijambo ry'Imana rigaragajwe, ryemejwe, kw' ar'ukuri. Ryaremejwe,bidaciye ku bushakashatsi, ariko biciye ku Mana, yuko ari ukuri. Imana, nk'ukonabivuze imbere mu butumwa bumwe, Imana ntikeneye ko hagira uwusobanura Ijamboryayo. Ni Yo yisobanurira yonyene. Iravuga ko bizoba, hanyuma bikaba. Niukuvuga, Iravyemeza, ukwo ni kwo kubisobanura.

38 Mu myaka mike ishize ubwo twebweabantu b'Abapentekote, igihe a—ayandi mashengero yatubwira ko"twasaze," ntitwabishobora, Mpwemu Yera ngo cari ikintu cahise."Ariko dusanga isezerano ry'Imana ryari ku wugomba wese, none ubu tuziibitandukanye. Murabona, kandi ivyo ni buhoro buhoro, iki kintu cugurutse.

Kandi ubu yasezeranye ko amabangayari anyegeje muri ivyo bihe vyose vy'ishengero, yuko yihishuwe neza na neza mugihe c'iherezo. None ubu Yaturetse turabimenya. Turi mu gihe c'iherezo. Hano niho turi ubu.

39 Rero,Satani ni we nkomoko y'ubusirimu. Ni nkomoko y'ivy'ubushakashatsi. Ni wenkomoko y'ubumenyi.

Uragira uti: "Ni vyo koko?"

Neza cane, reka dusome mw'Ijambory'Imana kano kanya, Itanguriro 4, hanyuma dusubire inyuma turabe umunota umwe.Ndazi ko nshobora…ninarandira cane, Mwene Data Carl arashobora kumbwira. Ariko,Itanguriro, igice ca 4, ku murongo wa 16, habandanya habivuga ng'aho, muntango, ivyo Imana yakoze, kugira ngo ishire umuvumo ku mugabo n'umugore, n'ivyobategerezwa gukora vyose; kandi ntabwo ari umuvumo kuri bo, ariko yababwiye ivyoshitse,maze ivuma isi kubwa Adamu. Kandi dusanga hano Eva yavyaye amahasa. Kandi umwemuri bo yari uwo kuri Satani, hanyuma uwundi yari uw'Imana.

Aha wovugauti: "Uh-oh! Oya. Aho rero Mwene Data Branham!"

Hinge gato.Uranyereka Icanditswe kimwe, ahantu na hamwe, havuga ko Kayini yari umuhungu waAdamu. Ndabereka mu Vyanditswe aho bivuga ngo, "Kayini yari uwa wa Mubi,"atari uwa Adamu.

40 Ubu reronimurabe igihe yasamye hano. Dutangurire ku gice ca 4, ubwa mbere.

Maze Adamu amenya na…umugore wiwe;asama inda, avyara Kayini, avuga ati: Ndonse…uwo mugore avuga ati Ndonseumuhungu kubw'Uhoraho.

Kubera, niko vyategerezwa kumera. Nta kibazo nimba yari imaraya canke ikindi kintu cose, categerezwaguturuka ku Mana, murabona, kuko ivyo ni urubuto rwayo, ni itegeko ku mbutozayo, zitegerezwa kurondoka n'ubwo zoba ari imbuto zononekaye, imbuto zigoretse,canke ikindi cose. Zitegerezwa kurondoka, uko vyogenda kwose. Ni itegeko ryayo.

Asubizako avyara murumuna weAbeli.

Ntiyamumenyeubugira kandi. Adamu yamenye umugore wiwe, maze avyara Kayini yongera azubizakoavyara Abeli, amahasa. Satani yari yabonanye na we muri ico gitondo, Adamu nawe ku muhingamo.

41 Mwarabonyeuruyogoyogo rwinshi mu binyamakuru hano, ndizera ko ari muri Tucson ubu, wamugore yavyara umwana yirabura n'umuzungu, icarimwe. Yabonanye n'umugabo wiwemuri ico gitondo, hanyuma abonana n'uwo mugabo ku muhingamo. Kandi uwo mugabo ngoyokwitayeho…umuzungu yavuze ko yokwitwararitse umwana wiwe, ariko uwo mwiraburena we akitwararika uwiwe. Murabona? Ndazi ko, mu kworora imbwa n'ibindi, vyankavyakunda, nimba ari mu masaha makeya mu nyuma. Ibi birabigaragaza.

42 Rerokugira ngo twerekane iyo ubusirimu buturuka, kano kanya reka dusome Itanguriro hano,mu gice ca 4 c'Itanguriro, hanyuma turabe aho biri. Umurongo wa 16.

Nuko Kayiniava imbere y'Uhoraho, aba mu gihugu c'i Nodi, ku ruhande rwa Edeni ahahera iburasirazuba.

Maze Kayiniabana n'umugore wiwe, asama inda, avyara Henoki, yubaka igisagara, acitaHenoki, acitiranije n'umwana wiwe.

Ubusirimuburatanguye. Dogiteri Scofield, hano muri Bibiliya yanje ya Scofield, havugango: "Ubusirimu bwa mbere." Nimurabe, ico gihe yavyaye abahungu, hanyumabaca bakora ibicurarangisho n'umuziki. Uwakurikiye yavyaye abahungu, mazeatangura gukora ibindi bintu, ibintu bitangaje, yubaka ibisagara, maze ahinguraivyuma bicuzwe mu muringa, hamwe n'ibintu vy'ubwoko bwose. Murabona, ivyo ni vyoyakoze, bihinduka ubusirimu bwa mbere, bukaba bwari ubwa Kayini. Yakoze nk'ivyonyene uko ibihe vyagiye birakurikirana.

43 Noneho reka tugereyo hamwe n'umurongo wa25, turabe ivyakurikiye.

Adamu yongera kumenyana n'umugorewiwe, ubwo rero, avyara umwana w'umuhungu, amwita Seti: Ati Kukw'Imana inshumbushijeurundi ruvyaro mu gishingo ca Abeli kuko Kayini yamwishe.

Seti nawe…Seti na we arahavaavyara umuhungu, amwita Enoshi: ico gihe abantu ni ho batanguriye kwambazaIzina ry'Uhoraho (ku ruhanderwa Seti, atari ku ruhande rwa Kayini).

Murabona uwomunyabwenge ahambaye uwo twese dukurikira! Ivy'igikoministe ni iki muri iki gihe, imana yabo ni iyihe?Ni ubwenge, ubushakashatsi. Turiko gukora iki, none se? Tuba he? Suzume aya majambouyu munsi.

44 Ubu afiseubwoko bwiwe bwa Edeni, Satani arafise ubu. Muri iyi myaka ibihumbi bitandatu, yarononye (ntabwoyaremye), ariko, yarononye isi yose y'Imana, ibiremwa vyayo, ibikoko, kuvangaimbuto z'ibikoko, kuvanga ibimera; ibiti, ibitera, abantu; mbere n'ivy'ugusenga,Bibiliya, ishengero; kugeza yaronse itongo ryiwe rya Edeni rishitse, bivuye mubushakashatsi, ibintu vyose bigendana n'ubushakashatsi. Imodoka zacu, ivyo dufisevyose, twabihawe n'ubushakashatsi, ivyo umuntu yakoze. Afise Edeni yiweihambaye hano; kugira ngo vyemeze Ubutumwa bw'Igihe, vyemeze ko atari ikindigihe kiretse Ivyahishuriwe Yohana 10! Nimurabe ukuvanga uyu munsi, kugira ngo bakorevyiza, canke, ibiboneka neza, atari vyiza. Nimurabe abana bato uyu munsi.

45 Narajanye umukobwa wanje kumuganga w'amenyo, ejo, ambwira ko amenyo yiwe yagoramye. Mwene Data umwe hariyamuri Tucson, Mwene Data Norman, yari afise umukobwa wiwe muto, amenyo yiwe yasohokahanze. Kandi uwo muganga w'amenyo yavuze vuba, ni avyizera, ko kumbure mu bihebiri imbere, ko abantu bazovuka, amenyo azokura mu buryo ubwo ari bwo bwose. Niizi ndya turiko turarya, izi ndya z'uruvangatirane.

Muramaze gusoma ikinyamakuru Reader's Digest, ukwezi gushize, kuvyerekeye Billy Graham, wa muvugabutumwa mwiza? Muramaze kumwumviriza? Ubu ndamusengerakuruta uko nigeze kubikora ubwa mbere. Igihe yavugana kur'ayo makolo akunjijearaba inyuma, n'ibindi, kuri wa mugoroba, abivuga kuri ba barongozi b'amadini.Hariho ikintu camubayeko. Umunsi umwe mur'iyi minsi, nizere ko azobona ikibanzaciwe aho kiri, murabona, ubu ariko ahamagara Sodomu, ca gisagara cononekaye. Uburero murabe ibi muri Reader Digest, Billy yari yacitse intege ku buryoatashobora no gukoresha ibikorane vyiwe. Rero bamubwiye ko ategerezwa kugiraikarashishi, akagira imyimenyerezo, n'ibindi. Rero yiruka hafi ibilometero bibiriburi munsi, nibaza kw'ari ivyo, canke ikintu nk'ico, gukora imyimenyerezo.

46 Umuntu yaraboze. Abantu bose barononekaye.Ibintu vyose bimeze kumwe vyari bimezemu gihe c'isi y'imbere y'umwuzure. Vyabaye nabi rwose, vyarataye inzira,bitandukana n'umurongo ugororotse Imana yari yabiteyemwo. Icaha, biciye mu bumenyin'uruhendo, cononye ibiremwa-muntu vyose.

Mwarasomye kandi hepfo y'iyongingo, ahavuga hati: "Muri iyi minsi, yuko abakobwa n'abahungu bato bashikiraimyaka y'abantu bakuze, ukurikije igihagararo c'umubiri, hagati y'imyaka mirongoibiri na mirongo ibiri n'itanu"? Nimuvyiyumvireko.

Mu gusuzuma amabanga kuri wamugoroba, nafashe umukobwa afise imyaka mirongo ibiri n'ibiri, yaciye imvyaro,ndamuhamagara. Kandi ivyo ni vyo umuganga wiwe yari yamubwiye.

Murabona, ni ubwoko bwaguye, bwononekaye,buriko bugana muri gehinomu. Ndazi ko vyumvikana nk'ibitarimwo indyohora-mvugo, ariko niBibiliya, murabona, ko ukw'ari ukuri; kandi ni iri higanwa turimwo, ururunganwe rw'abantu.

47 Noneho murabe uyu munsi, baravangainka, baravanga ibimera; hanyuma ubushakashatsi bagaca buza, bwa bushakashatsinyene bubikora, bukavuga buti: "Ivyo ni vyo bihonya abantu bose." Mubisoma ahonanje ndabisoma. None, ni kuki batabihagarika? Ni kubera ko badashoborakubihagarika. Ijambo ry'Imana ryavuze ko vyogenze gurtya. Ariko hamwebiyumviriye umunota umwe, bo ni ibikoresho, nka Yuda Isikariyoti, bagashiraho nezana neza ikintu Imana yavuze ko cobayeho. Bikorerka neza na neza ku

rufatirorw'ubushakashatsi bwabo.

Biciye ku bushakashatsi bwiwebw'ubwenge, muri bwa buryo nyene yahenzemwo Eva, kumwe nyene yanahenzeishengero, iryo Eve yari ikigereranyo caryo. Noneho, ubu Adamu yariikigereranyo, nako Eva, ahubwo, c'ishengero, nimurabe ico vyakoze. Biciye mukuzerera mu bumenyi, yaguye mu murongo uri hagati y'iciza n'ikibi, mukwumviriza ukugoreka kwa Satani, canke ukonona Ijambo ry'inkomoko ry'Imana.

48 None ubuamashengero uyu munsi yarononekaye. Aha rero sindiko mvuga ku bantu, abantu kugiti cabo. Ndiko mvuga ishengero ry'isi. Rimwe ryajanye inzira imwe, irindirijana iyindi, kandi bitumwa n'ivy'ubwenge. Kwa kundi nyene yakora. Yazanyeiterabwoba ryiwe, rimwe Satani afise, muri Yesaya 14:12.

Reka ivyotubisome mu munota umwe. Mu Gitabu ca Yesaya, reka dutangure igice ca 14,umurongo wa 12.

Ewe kuntu ukorotse uvuye kw'Ijuru,yewe Lusiferi, wa mwana w'umutwenzi!

Ewe ingene uciwe ugashika hasi,wewe watsinda amahanga!

Uyu Yesayayamubonye mw'iyerekwa, murabona mu bihe bizoza.

Wari waribariye mu mutima, uti: Nzoduganje mw'Ijuru, nkuze ingoma yanje isumbe inyenye z'Imana; uti Nzovyagira kumusozi w'ikoraniro ku ruhande rw'impera y'i buraruko:

49 Intego yaSatani, kuva muri Edeni, kwari kugira Edeni yiwe bwite; akishira hejuru, birtyoinyenyeri z'Imana zikamusenga, abana bakamusenga. Kandi ubu yarabishitseko rwose,mu gihe amaze gukora ibi kandi akabizana mw'ishengero. Ivyo, sinza kuja mw'idon'ido ryavyo. Umuntu wese mu bumva ayo mabănde arabizi. Iyo—iyo saha turimwo neza na neza, kandi ni Satani yabikozeabicishije mu ndinganizo y'inyigisho, ngo vyiza bikwiye, ibi vyiza, vyizakurushaho. Kandi mu kutabimenya, igihe cose, bariko bagenda ubudakebukabatumbereye mu rupfu. Impumyi ziyobora impumyi, abayobozi b'impumyi b'amahanga,abayobozi b'impumyi b'ivy'ubwenge, abayobozi b'impumyi b'ishengero, impumyiziyoboye impumyi. Yesu yavuze ati: "Nibareke, bompi bazogwa mu manga."

50 Hano nimurabeubwoko bw'izi Edeni zibiri ingene buri hafi na hafi, ku buryo vyohatswekuzimiza n'Abatowe. Matayo 24:24 yavuze vyogenze gurtyo. Ariko ndashaka koduhagarara gato maze dufate nkama izi Edeni zibiri, kandi ikintu kimwe c'umwihariko,uburyo Bibiliya itubwira yuko Ijambo ry'Imana ari ryo ryazanye iyo Edeni, n'ukuntuIjambo ry'Imana rituburira yuko iyo yindi Edeni yoje.

Noneho, turazi kandi ko hategerezwa kubahoiyindi Edeni, hamwe tubashije kwumviriza umuvugishwa Paulo, mu 2 B'i Tesalonike igice ca 2. Noshobora kuhasomanimba mubishaka. Umwe yishira hejuru; uwo munsi w'Umwami ntuzoza, wa muntu w'icahaatarahishurwa,…

Umwe yicaramu rusengero rw'Imana, akishira hejuru y'icitwa Imana cose, ku buryo wenk'Imana asengwa nk'Imana.

Ivyobintu nimuvyibazeko! Ubu rero muri Yesaya 14 na ho, umuvugishwa yavuze koyabonye "Lusiferi, mu mutima wiwe," biciye mw'iyerekwa ari musi y'uguhumekerwan'Imana, "avuga ko yobikoze." Muri Yesaya, imyaka amajana umunani imbere ya Paulo,canke hafi y'ivyo.

Nonehohano, inyuma y'imyaka amajana umunani, Paulo na we yaramubonye, aje muruhagararo rwiwe. Murabona, biriko biraduga bigana kuri Edeni yiwe; Edeni yiwey'ivy'ubwenge, hamwe n'isi yiwe y'ivy'ubumenyi, hamwe n'ishengero-mugeni w'ivy'ubwenge,vyose musi y'i—y'ijambo ry' "ubumenyi," amaseminari ahambaye, indangabumenyizihambaye, indinganizo z'ivy'amashure.

51 Umva, MweneData, Mushikanje, buri wese muri twebwe agiye guca muri iyo nzira Florence yajanye.Ndagusavye, mw'Izina rya Yesu, ngo usuzume Ibi. Nturabe jewe. Ndi mwene So. Si—siivyo. Nimufate nkama Ijambo ndiko ndavuga, ryo muri Bibiliya y'Imana. Hanyumamubirabire muri Ryo, vyemejwe neza mw'Ijambo ry'Imana bwite, mu gihe tubayemwo,aho tugeze.

Izindinganizo ni iza anti-Kristo mu buryo ntabanduka, muri zo ubwazo. Reroyategerezwa kugira Edeni, yavuze ko yobikoze. Ng'iri Ijambo risanzwe ry'Imanarivuga ko yobikoze, none ehe turiko turamubona imbonanya ariko arabikora. Yarabikozehamwe n'umugeni wiwe w'ikidini w'ivy'ubwenge, n'ubushakashatsi. Agiye gufataumutwe, umwe mur'iyi minsi, mu Nama y'Isi y'Amashengero izoshirwaho. Bose bazobabari kumwe na we.

52 Kugerageza abantu, ntabwo ari kubera ko ari abantu babi; batewe muri uwomurongo ugororotse, nk'ibigori, ariko Satani yabivye ibirandaranda, vyitwa ubwenge,ubushakashatsi, ivy'inyigisho, indangabumenyi y'ubudogiteri. Rimwe na rimwentibazokwemera no kuguha igicaniro utabanje kwerekana indangabumenyiy'ubudogiteri wakuye mw'iseminanri ahantu kanaka. Vyose vyarabaye nabi! Si abantu; iyo ndinganizo ni yo arimbi. None ubu vyakoze iki? Biciye mu mirwi y'ukuvangatiranya, kugoreka Imbuto yoku

nkomoko y'Imana, vyose vyongeye kuduga, maze bizana isi yose mu rundi rudubirw'umwijima.

Ariko ndanezerewe cane kubonaImana yongeye kutwiyumvirako, ku buryo Ishobora kubandandanya igendagenda imberey'ukwo kuntu. Yarasezeranye ko Yobikoze, kandi Igahamagara ubusho buto bwobayeUmugeni wayo.

53 Nimwongeremurabe hano na none, ukuntu aya mashengero agereranywa neza, nako izi Edeni.

Mana, biciyemu mbuto y'Ijambo ryayo! Kandi hariho ikintu kimwe gusa gishobora kubeshahoIjambo, uwo ni Mpwemu, kuko ni We Mutanga-Bugingo kw'Ijambo. Kandi iyo Ubuzima burimw'Ijambo buhuye n'Ubuzima buri muri Mpwemu, bica biserura ico Imbuto iri cose.

Ubu reronimurabe ivyabaye. Mw'itongo rya Edenihari ubutunzi bw'Imana bw'abere, kandi ivyo bwari bumwe mu—mu bugabuzi. Ubugabuzibwambere bwari ubw'abere, abantu ata caha bari bazi. Nta na kimwe bari bazi ku bijanyen'icaha. Adamu na Eva bombi bari amenya, ariko bari banyegeje ubwambure bwabo, n'igihuzuca mpwemu ku maso yabo. Ntibari bwigere bamenya ko bari amenya na gato, kukobari binyegeje. Kubera igihuzu c'Imana mu vyiyumviro vyabo, ntibari bazi icizan'ikibi ico ari co. Rero bompi bari bahagaze aho bari amenya, ivyerekana koubumenyi butari bwabashikeko, murabona, yuko bari amenya. Abo bompi bari amenyakandi ntavyo bari bazi.

54 Noneho hamwemuzinguruye, nimba mubishaka, canke mukavyandika, mu Vyahishriuwe Yohana, igiceca 3. Mpwemu Yera yaravuze imbere y'igihe kur'iki gihe canyuma, ku Gihec'Ishengero rya Gipentekote rya Lawodikiya mu minsi y'iherezo, Yavuze ati:"Ugenda amenya, uri impumyi, kandi ntavyo uzi."

HarihoImbuto y'Imana, z'inzirakarengane, ntibari bazi na gato ko bari amenya, barimusi y'igihuza ca Mpwemu Yera, cari kibatwikiriye icaha.

Hanyumaubu na ho ubu mu gihe c'ishengero rya nyuma, dusanga hano bongeye kugendaamenya, kandi batabizi. Ariko si ca gihuzu ca Mpwemu Yera. Ni ca gihuzu Satani yafukahejuru ya Eva hamwe hiyo kera, igihuzu c'ukwipfuza, igihuzu c'ukwipfuza.Baranduye cane gushika y'aho batazi ko bagenda amenya, abagore bacu mumabarabara, bambaye amabutura, impuzu z'urushirasoni.

55 Umuntu yarandungikiyeikinyamakuru ejo bundi, kivuga kur'iyi myambaro mishasha bagiye kwambara, ngirango ni santimetero cumi na zine uvuye ku biyunguyungu, canke ikintu nk'ico.Kandi ndibaza nimba abantu bacu b'igitsina-gore babona yuko ico ari igihuzuc'ukwipfuza?

Ubu ahowoca uvuga uti: "Ndashobora kwerekana, imbere y'Imana, yuko ndi umwere kubusambanyi ubwo ari bwo bwose ku mugabo wanje, canke jewe—jewe…ivyo vyoze."

Ariko nanone, muri rwa Rubanza, uzokwitwa "umusambanyikazi." Bibiliya yarabivuze. Yesuyavuze ati: "Umuntu wese yitegereza umugore kugira ngo amwifuze, aba amaze gusambanana we mu mutima wiwe."

56 "Impumyi,ugenda amenya, kandi ntavyo uzi!" Ntabwo ari abakobwa bato b'aboro aha hanze; ntakintu na kimwe ndabarwanyako. Ni uyo murwanizi! Kandi integuro y'ishengero isank'aho yananiwe kubibona canke ngo ibirwaryanye; barabareka bakamwa imishatsiyabo, bakiraba amarangi, amabutura n'ibindi, mw'izina ry'Ubukristo. Mbegaibintu biteye ubwoba! Murabona, bongeye kugenda amenya, muri Edeni ya Satani,kandi ntibabizi. Ntabwo babizi.

Ndizerako mbona, kumbure, ndavye hirya no hino hano, ibidengeri vya kijambere vyokwogeranmwo, abo bagore hiyo hanze aka kanya. Ese hamwe uriya mugore yomenyagusa ivyo ariko arakora, ariko ntabizi. Ari amenya. Umubiri wiwe ni uwo mwubaha.Yiyambuye impuzu Imana yamwambitse, yanikiye urukoba rwiwe kubwa runo runganwe.Aguma azigabanya ubudahengeshanya. Agenda amenya, musi y'ijambo ry "ubusirimu,amashure yo ku rwego rwo hejuru, amajambere meza, inyifato nziza." Reka menyeneza ko ibi vyinjiye. Vyose ni ivy'umurwanizi, kandi bizarandurwa ku Kugaruka kw'UmwamiYesu. Bizosenyurwa, agace kose kavyo. Nta kintu na kimwe kizosigara.

Kandi,yewe, mugenzi, mu gihugu cose, nk'uko muriko murankurikira hano muri Phoenix, nimwiyumvirekuri ivyo bintu! Muri hano mubaye muri vyo. Rero, Yesu yavuze ati: "Vyozimijen'Abatoranijwe iyaba vyari bishoboka."

57 Impwemu yambere yari…igihuzu ca mbere cari igihuzu ceranda, Mpwemu Yera, kandi Eva ntiyategerezwakuraba hanze y'Ico. Ariko aho Satani a—atnguriye kumuganiriza ku vyerekeyeubumenyi, vyabaye ngombwa atereza akajisho kw'isi.

Kandi ivyonyene ni vyo umukobwa wiwe, ishengero, yakoze. Ni ngombwa ko muraba, mugombakwambara nk'abakinyi b'amareresi, canke abasore bagombe gukora nka ElvisPresley canke—canke Pat Boone, canke bamwe mur'abo bantu, mw'izina ry'idini.

Pat Booneni uwo mw'Ishengero rya Kristo. Elvis Presley ni Umupentekote. Abo bantu

babirib'amashetani bashize isi mu rudubi rubi cane kurusha Yuda Isikariyoti yahemukiyeYesu Kristo. Ntavyo bazi. Abo bahungu ntavyo bazi. Ntaco mfise ndwanya kur'abobahungu, abagabo, ni impwemu ubitera.

58 Birazabikaduza bizunguruka ku ruhande rumwe gato, wewe ureke gusa ivyo birandarandabifate ico giti c'ikigori rimwe gusa, uzoceuraba ibizokurikira; ivyo bigori kazoba kabaye. Ôo, ego, biba birangiye bibifashe.Kandi uko ni ko bizogenda. Ni co bizokora buri gihe. Eva vyabaye ngombwa kw'aterezaakajisho rimwe ku vy'isi.

Reka ndakubwireikintu kimwe, Mwene Data. Muri 1 Yohana, igice ca 2 ku murongo wa 15, turashoborakuhasoma nimba nimba mubishaka, Bibiliya ivuga ngo:

…Nimba dukunda isi, canke ibintu vy'isi, ni kuberako urukundo rw'Imana rutari no muri twebwe

59 Aha rero,iri jambo rikoreshejwe hano si umubumbe w'isi; ni ijambo ry'Ikigiriki, nikosmos, risobanura "indinganizo y'isi." Nimba dukunda inyambaro z'isi, isi, nimbadukunda ukw'ivy'iki gihe bigenda, nimba twibwira ngo "iki ni igihe ciza,yewe, dufise ibi bintu vyose," nimba ariko wiyumvira, ni kubera ko ivyiyumviroari bibi. Vyaragoretswe n'umurwanizi. "Nimba mukunda indinganizo y'isi,n'ibintu vy'iyi si ya none, ni kubera ko urukundo rw'Imana rutari no muri mwebwe."Ivyo muvyibuke. Ô Mana! Raba ivyo turiko turinjiramwo!

60 Hanondashaka kuhahagarara umunota umwe gusa ndababwire inkuru imwe ntoya. Narumviseuwihebey'Imana wo mu Ntambara ya Mbere y'Isi Yose. Bari batawe…

NkaSatani mu ntango, igihe yinjira mw'itongo rya Edeni. Ntiyashoboye kwimbangw'akureyo izo mbuto. Ntiyashoboye kuzisangangura. Ariko yazihuhereyekouburozi, maze buca bwonona urwo Rubuto, ntirwarondotse nk'uko ubwoko bwarwoburi. Yononye Urubuto rwo ku nkomoko.

Kandi ivyoni izo ndinganizo zose z'amadini. Baracari abahungu n'abakobwa b'Imana, ariko vyarononekaye.Baraja kw'ishengero, bashaka gukora ivyiza. Umubikira ntiyigera yinjira mubabikira kugira ngo abe umugore mubi. Umukozi w'Imana ntiyigera aja kwiga u—u—umuntumubi. Ntiwigera wifatanya n'sihengero, ngo muhane iminwe, wandikishe izina mubitabu, canke ico mukora cose mw'ishengero ryanyu, kugira ngo ube umuntu mubi.Ivyo ubikora kugira ngo ube umuntu mwiza. Ariko ni uruhendo, ni ukwononekaragukora ivyo. Satani yarabihuhereyeko. Murabona? Imana ntiyigeze igira idini.Nta kintu nk'ico kiboneka ahantu na hamwe mu Majambo y'Imana.

Imana ni yodini ryacu, dutunganirijwe muri Yo, Umubiri, mu Mana, mw'Ijuru. Ukwo ni ukuri.Amazina yacu ari muri ca Gitabu c'Ubugingo ca wa Mwagazi w'Intama. Nimurabe.

61 Ariko, murabona,ndazi ko bigoye cane, ariko nda—ndashaka ko mwihangana gato nimba mubishaka. Mugihe c'intambara y'isi…Mumbabarire kubona navuye ku cigwa canje.

Arikokugira ngo mvuge iki kintu, nsha—nshaka kubaha isesengura ry'ivyo Satani yakozemuri Edeni: yahuhereye uburozi buteye ubwoba. Murashaka kumenya ico ukwoguhuhera kwari kuri? Ndashobora kubibabwira. Ndafise imvugo ibitomora, ijamborimwe: ukutizera, binyuranye n'ukwizera, yahuhereye ukutizera, ugukekeranya. Hanyumaivy'ubwenge vyaciye bifata ikibanza cavyo. Ya nzira igana mu Rubuto, Sataniyujuje iyo nzira ubumenyi, ubwenge n'ubusirimu, maze bica vyonona ivyaremwevyose vy'Imana.

62 Ndazi ko mwibazako ndiko ndabajana ku mugozi, ariko na jewe ndi kw'uyo mugozi hamwe nawe. Kanditwese turi hano kugira ngo tugerageze kurondera ico twokora. Ntabwo tuvuga ivyobintu kugira ngo tube abandukanye. Dutegerezwa kuba imvugakuri.

Twebwe,buri wese, tuzoshika ku mpera y'urugendo, aho tugiye kuzokwisigura kuri burijambo. Ubu nyene, turazi ko amajwi yacu…Igihe twavuka, ukurira kwacu kwamberebija kuri bǎnde. Izovuzwa kuri wa Munsi w'Urubanza.Mbere n'impuzu mwambara zizokwerekanwa mu maso yanyu, kur'uwo Munsi w'Urubanza.Ivyo n'ubushakashatsi burabifise, kuri tereviziyo. Murabona, televiziyo si yoikora amasanamu, irayakwega gusa. Amabara y'impuzu, igihe cose utambutse, ivyiyumvirovyose biba mu muzirikanyi wanyu, birabikwa mu buryo ntabanduka mu vyandiko vy'Imana.Kandi ico kintu kinini kizoshirwa imbere yawe, imwe yose muri zirya mpuzu zanduyewambaye; igihe cose wagiye kwa kimyozi, ukwamwa uwo mushatsi Imana yaguhaye.Bizoba. Uzobibazwa. Ntushobora gutera intambwe ng'aho, n'ivyo umutima wawewiyumvira iyo uriko urabikora, bizokwerekanwa imbere yawe. Uzocaruka gute?"Tuzahunga dute nimba twanjanjwa ku gakiza gakomeye nk'aka?" Murabona? Ntituzocaruka.Intambuko yose, n'ivyo umutima wiyumvira, birābūrwa neza na neza hiyo hakuryamu rundi rugero, mbere n'impuzu wambara ingene zisa. Televiziyo, televiziyo y'amarangiirabigaragaza neza, irabikwega ikayerekana, murabona, kandi ivyo biri mu rugerorumwe gusa muri za ngero zitatu uhereye aha tuba. Murabona?

63 None rabaukuntu ubwo burozi bwafashe ishengero, bufata isi! Uburozi bwa Satani ku Mbuto,bwagiye mu mihora maze butuma zononekara. Bukebuke, arushiriza kunyengetera muntimatima y'ishengero, no mu mitima y'abantu n'ibintu vyose, ubushakashatsi,ubushakashatsi. Kugeza aho haba ahantu abantu

bavangatiraba…Nizera ko imbutozose zategerezwa kurondoka nk'uko ubwoko bwazo buri. Kandi ikiremwamuntu,n'ibimera, vyose vyaravangatiranijwe, vyadushikanye ahantu; mu kurya imfungurwazacu zivuye mw'ivu, imibiri yacu, vyazanye imvange, vyatumye ubwenge bwacubwose…Noneho, nimba imibiri yacu iriko iraba akaheze, kuva ku myaka mirongo ibirikugeza kuri mirongo ibiri n'itanu, kubera kwononekara kw'uturemangingo, kuberaivyo kurya vya kijambere, none mbega uturemangingo tw'ubwonko bwacu ntitwononekaye?None utwo twotwo si uturemangingo? Ni yo mpamvu Ricky ayerera mu mabarabarahano, nk'igipfamutima; mu gihe Ricketta, Elvitta, na benshi muri bo, hamwetubaye nk'ababavuga amazina, bazerera hano hanze bari hafi amenya imbere y'abantu,barabaye akaheze mu mutwe, nta ciyumviro c'indero runtu canke inyifato nziza bagifise.

64 Kuri yankuru yanje nto. Uyo wihebey'Imana yavuze ko yamanutse mu bitaro, akavuga koabahungu benshi bari baryamye mw'ihema, bamwe…Yari avuye hanze. Yavuze koyagiyeyo, maze umupolisi umwe aramubwira ati: “Muntu w'Imana, dushaka gufata amafarasidusohoke, kugira ngo tuje kuraba imirima hiyo hanze.” Bari bari bahuhereye iyomyuka be n'ikirorina, nk'uko babikora mur'iyo minsi.

Yavuze ati:“Naragiyeyo, Mwene Data Branham,” avuga ati: “Nta gishishwa cariku giti, nta catsi kibisi cari gihari. Hari mu gitondo ca Pasika.” Yavuze ati:“Aho hariho imikogote ishaje yaguye epfo, uwo mupolisi yategerezwa kuvyandika,akaraba nimba hari icokorwa kuri yo, hafi ya ca kibira kinini ca Argonne.”Yavuze ati: “Igihe nari mpagaze aho ndi jenyene,” ati: “Narunamuyeamaso, ndavuga nti, 'Ô Mana, iyi ni yo nzira vyose biganamwo.'” Ni vyo, vyosebizoza. Vyose vyarahiye, nta na kimwe cari kigifise ubuzima, ivyatsi vyarivyahiye; igiti, kubera iyo myuka, ibiti vyari vyapfuye, ibintu vyose vyarivyapfuye, vyaguye, birambaraye hafi, aho amasasu n'ibindi vyaciye.

65 Nimba iyoatari ishusho y'isi uyu munsi, aho Satani ariko arahuhera ukutizera kwiwe, uruvangerwiwe, ubumenyi bwiwe, ubwenge bwiwe! Gushik'aho, uko vyari bimeze mu ntango, igiheImana yashira Adamu na Eva muri rya tongo, rya paradizo ry'akaroruhoreritagiramwo urupfu, indwara, agahinda, kandi vyose bitunganye neza, raba ivyo DDT ya Satani yakoze! Ni urudubi.Nta kintu gisigaye muri yo.

Yavuzeati: “Naciye ntangura kurira. Narasubiye inyuma, nari nkwegerewe n'igitandara.”Yavuze ati: “Naragiye aho maze nitegereza ico gitandara, ndagisunika. Musi y'iryobuye hari ishurwe ryera ryariko rirakura, ni co kintu cari gisigaranye ubuzima,kuko ryari ryakingiwe n'ico gitandara.”

Mana, Gitandaracanje, dukingire uyu munsi, Ô Mana, mu gihe ubwo burozi buguruka bukwira ahantuhose mw'izina ry'ubwenge n'ivy'inyigisho. Tubere inkinzo. Nkomeza kugeza uwomunsi, Ô Mana, ni ryo sengesho ryanje. Noneho ndizera ko twebwe, buri wese, turimusi y'ico Gitandara, Kristo.

66 Narigishijeejo bundi, benshi murabwumvise. Nariko ndamanuka mw'ishamba, ndi guhiga, hanyumankwegerwa no guhindukira. Nitegereje, mbona aho hari igikarito canke ipaki y'itabiata na kimwe kirimwo, canke uko muvyita kwose. Kandi ni ihinguriro, sinumva konkwiye kuvuga izina ryabo, ariko iryo hinguriro ryari ryagize…bari banditsekoamajambo ngo, “Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira, uburyohe bw'umuntu anywaitabi.”

Ntangurakugenda manuka gato mw'iryo shamba, hanyuma Ikintu kanaka kirankwegera, kiti:“Subira kuri ka gakarato k'itabi.”

Ndiyumviranti: “Data wo mw'Ijuru, manutse hano hepfo kuri ca giti hamwe ya mihareyavugwa na We maze ikabaho, igitondo kimwe. Kuber'iki wombwira ngo nsubireinyuma?”

HanyumaIkintu kanaka kivuga giti: “Hariho ubutumwa ugiye kuvuga kur'iyinga. Umutwew'icigwa ni ho wanditse.”

Nariyumviriye nti: “Ku gakarato k'itabi nyene?”Nca nsubira inyuma.

Rero ncantangura kwiyumvira: “Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira,” mbega ukuntuari uruhendo! Iyaba umuntu yari umuntu yiyumvira, ntabwo yonyoye itabi na gato.Ariko, murabona, ivyo abantu barabimiragura.

67 Ndizerako hashize imyaka ibiri, igihe nari muri rimwe mu makoraniro, nagiye mw'ihayanisha-gurishary'isi igihe ryariko ribera ku Nkombe y'Uburengero. Hanyuma bari bafise ifotoya Yul Brynner hamwe na nyinshi zabo ng'aho. Hanyuma abashakashatsi, benshimuri bo, bari mu ruhande rumwe, kubera akaga ko kunywa itabi. Bariko barasiguraukuntu bafashe uwo mwotsi bawushira ku rupapuro, hanyuma bifashisha agatigatoya k'ipampa maze bakuramwo ubumara bwa nikotine ng'aho, baca babushira kumugongo w'imbeba, baca bayishira mu kazu gatoya, mu minsi indwi yari yuzuyekansere ku buryo itari igishoboye gutambuka. Murabona? Yavuze…Ivyo vyarivyapimwe mu mazi, umuntu umwe aca avuga ati: “Akayunguruzo!”

Yavuzeati: “Akayunguruzo? Nta kintu nk'ico kibaho.” Yavuze ati: “Wewe…” Ubu rero, abani abashakashatsi ubwabo. Bavuze bati: “Ntushobora gukora itabi kiretse ufiseikaburimbi. Ikaburimbi ni ryo bifashisha mu gukora itabi.”

68 Kandiikintu conyene gihari, ni igicapo gikwegera co kugurisha itabi ryinshi, mu giheivyo…Nimba… Sinibaza ko mwiyumvira ko ndiko ndarogota canke ngo mbe umunyakaguma.Uwo ni umurwanizi mu muntu, ni we amutuma anywa itabi, kugira ngo yiyahure. Iyowe—iyo we ashaka nikotine y'itabi rimwe, ivyo bigahaza ivyifuzo vyiwe, aho reroihinguriro rica riza n'icapa gikwegera c'uruhendo, ngo: "Akayunguruzok'umuntu yiyumvira." Bizoba ngombwa kw'anywa itabi zine canke zitanu,kugira ngo wishiremwo ikaburimbo ryinshi (kugira ngo rimuhaze) nk'uko ubawabikoze kuri rimwe rya mbere. Abanyamerika bagurisha urupfu kuri bene wabo nabashiki babo! Sindabitahura.

69 Ariko yamara,muri ivyo, nariyumviriye nti: "Hariho Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira k'ukuri."

Rero, iyoumuntu anywa itabi, mwibuke, bizovamwo inyota y'umuntu anywa itabi. Noneho, nimbaudashobora kugira i-…guhaza icipfuzo co kunywa itabi gushika uronse itabi, ufise… utegerezwakunyoterwa, kubw'ivyo, ugaca unywa itabi zine, canke zitanu, hanyuma ukishura menshikurenza uko wobikoze ubaye unywa itabi rimwe bisanzwe. Murabona, ni icapa cogukwegakwega, icapa co kudandaza; guhenda abantu, Abanyamerika. Iyo niyumviriyekuri Valley Forge, George Washington; hamwe na bibiri vya gatatu vy'abasirikarebiwe, ata n'ibirato bari bambaye, kuri wa munsi w'ubukonje, kugira ngo batugireubutunzi ubwo turi! Hanyuma Abanyamerika bakagurisha ku Munyamerika, murumunawe na mushiki we, urupfu, yifashishije icapa c'ikinyoma, kubera inyunguzanduye, umuzi w'ibibi vyose. Urukundo ry'amafaranga, urukundo. Ibintu vyose vyahindutseubupfu, ntibazi kw'ibi vyose bizoshira! Ariko utanyoye itabi, iyo nyota ntushoborakuyigira.

Hanyuma ndiyumviranti: "Hariho Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira." Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira!Nuko nca ntora umutwe w'icigwa kivuye muri, "Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira havamwoinyota y'umuntu mweranda."

70 Rero ncaniyumvira ko amadini yacu yakoze ibintu vyinshi nk'ivyo, barafata abantu bakabinjizahanyuma bagaca biyita Abakristo ukwo ari kwo kwose. Kubera iki? Bafise benshimu madini yabo canke kwitunganya kwabo. Dufise benshi muri yo kuko tubarekabakinjira musi y'ibi, birya, na biriya, n'ibindi vyose. "Ivyo ntaco bihindura, ni gushiraizina ryabo mu gitabu maze bakavuga ko ari Abakristo. Nta bindi. Ôo, 'mukizwan'ukwizera.' Utegerezwa kwizera." N'umurwanizi arizera. Ego.

Utegerezwakuvuka ubwa kabiri, kandi ivyo bizanana mu Kayunguruzo k'Imana! Rero harihoAkayunguruzo k'umuntu yiyumvira. Ndagafise mu minwe yanje. Ntikazotanga inyotayikidini, ariko mu vy'ukuri bizohaza inyota y'umuntu mweranda, murabizi.

71 Ni guteumugore amwa umushatsi ashobora guca mur'ako Kayunguruzo? Ni gute umugoreyambaye ibutura ashobora kugacamwo, canke amapantaro, mu gihe Bibiliya ivugango: "Ni ikizira ku Mana, umugore kwambara impuzu zigenewe umugabo"?Ni gute umugabo yiyubaha asohoka hano yambaye nk'abagore, akareka umushatsi wiweugakura nk'umugore, agatsiba ibisuko bitemba mu maso hiwe nk'uku? Yambaye uduhuzutwo musi tw'umugore wiwe. Umugore na we yambaye imyenda z'umugabo wiwe zohanze. Akayunguruzo k'umuntu yiyumvira? Umugabo yiyumvira ntazokora ivyo, cankeumugore wese yiyumvira ntazobikora. Ijambo ry'Imana ntirizokwemera kobirenganamwo.

Nta kintuna kimwe gishobora kurengana muri iryo Jambo. Uyo ni Mpwemu Yera, kandi AzanaIjambo muri wewe, kandi atanga inyota y'umuntu mweranda.

72 Raba uyu munsi,Ricketta mu mabarabara, ico gihagararo ciza Imana yamuhaye, none ni Satani aragikoresha.Kandi azokwambara mu buryo bw'urushirasoni, atazi ko iyinga imwe guhera uyumunsi ashobora kuba ariko araborera mu mva.

Narikondamanuka mw'ibarabara hano ntabwo ari kera. Nariko nigisha ubutumwa mu Makoraniroy'Imana hariya ku Nkombe yo mu Burengero, mu gikorane cabereye kuri Rya Shurerya Bibiliya ry'Uburengero bushira Ubumanuko. Umukobwa umwe yariko aramanukamw'ibarabara, gato…yambaye umubindo, uko muvyita kwose, n'imishatsi igwa mumaso, hamwe n'inkofero y'abungere n'amabutine. Nariko ndugana iryo barabara. Ndiyumviranti: "Uyo mukobwa mworo muto, umwana wa nyina na se, yashizwe hano kugirangw'abe umukobwa w'Imana, kandi yabaye icambo c'umurwanizi." Nariyumviriye nti:"Nibaza ko nohindukira ngasubira inyuma, nkavugisha uyo mwana." Yasank'uwunganya imyaka na Sara ng'aho, imyaka cumi n'indwi, imyaka cumin'itandatu, canke ikintu nk'ico. Nariyumviriye nti: "Oya, vyoba vyizandabiretse. Reka nudge aha kw'ibarabara ndamusengere. Nk'ubu hagize umuntu mpagazendiko nganira na we, vyoba vyiza ndabiretse."

73 Ubu rero nimwumve, bahungu b'Imana, mugezeahantu nk'aho nyene, aba ba Yezebeli b'iki gihe bakaza kubadundadundira imbere,ariko umuntu yiyumvira azobanza kwiyuvmira. Ashobora kuba ari mwiza cane, urashoborakwibwira uti: "Ndashobora kumwigarurira," ariko bizogusaba ikiguzic'umushaha wawe, muhungu; bamwe muri mwebwe bakobwa, kuri aba ba Rickys! Akayunguruzok'umuntu yiyumvira gatanga inyota y'umuntu mweranda.

Mwebwe abagabobubatse, iyo mubabonye abo bagore mu mabarabara gurtyo, mwebwe bana

b'Imana,ntimuca mutahura ivyabaye mu ntango? Igihe ubushakashatsi bwari bwarahinduyeabagore kuba beza mw'isi y'imbere y'umwuzure, kugeza igihe abahungu b'Imana bĭyandūriye abakobwa b'abantu (atari abakobwa b'Imana),kandi ivyo bintu Imana ntiyigeze ivyibagira. Barasanganguye vyose; ivy'ubushakashatsi,bari beza cane. Vyahoze ari…Murabona ubwiza bw'abagore buguma bugwirirana mur'iyiminsi yanyuma, ni ikimenyetso c'iherezo; Imana yarabigaragaje. Rero, koreshaAkayunguruzo k'umuntu yiyumvira, uzoronka inyota y'umuntu mweranda. Bizogusaba ikiguzic'urugo rwawe. Bizogusaba ikiguzi c'igihagararo cawe. Bizogusaba ikiguzi c'ivyoufise vyose; usivye ivyo, umushaha wawe! Bizosenyura urugo rwawe. Birashobora gusabako uwundi mugabo ari we arera abana bawe, canke uwundi mugore arere abana bawe.

74 FataAkayunguruzo k'umuntu yiyumvira, bizotanga inyota y'umugore mweranda. Iyoutanguye kuja kwa kimyozi, canke ikintu nk'ico, bakakubwira bati: "Uzomenekaumutwe, urabizi." Fata Akayunguruzo k'umugore yiyumvira, ivyo Bibiliya yavuze, urabe,hanyuma uhindukire. Murabona? Ntubikore.

Ndi MweneSo, kandi ndabakunda. Ntaco mfise dupfa. Imana irabizi. Kandi ivyo ni vyobintera kuvuga ibi bintu mvuga, ni kubera u—urukundo rw'Imana ndabafitiye. Hamweumuntu ahagaze ng'aho ntabibabwire, umwungere wanyu akabarekerana gurtyo, ntazobaabakunda. Ntashobora kuba abakunda. Ntabwo nifuza urukundo nk'urwo ku bagore.Ndashaka kugira inyota nyeranda kuri Mushikanje. Ndashaka ko aba Mushiki wacuw'ukuri. Atari ivy'umuntu kanaka ashobora kuvuga, umuntu kanaka avuga ko arimwiza cane n'uburyo ameze, hamwe n'abo bamikazi b'ubwiza, ati: "Agiye kuntuze…" Huh-uh. Oya. Ndashaka ko aba umukenyezi!

Ô Mwami, ngumizamusi ya ca Gitandara. Ego. Mu Banyefeso 5:26, uburyo bumwe bwonyene ushobora gucamur'ico Gitandara, ni: "Kwozwa n'amazi yo gutandukana biciye kw'Ijambo."Ukwo ni ukuri.

75 Rero, ntimurekengo umurwanizi abahuhere n'ivy'inyigisho vyiwe. Oya, oya. Bizokwica akosho kawe.Ntureke ngo umurwanizi akubwire ngo: "Emwe, ndi mw'ishengero mama yari arimwo, ryadata, na nyogokuru." Ntiwemere ko umurwanizi aguhuhera ivyo bintu. Bibiliya yaramazekuvuga, Mu Bihe Ndwi vy'Ishengero, n'ivyo bintu bihari, vyose vyarononekayegushika mu ntimatima! Ni vyo. Ibintu vyose vyorononekaye. Vyose ni inguma gusa.Ntiwemere kw'aguhuhera, avuga ngo: "Erega, ni inyifato yo ku rwego rwo hejuru.Twarize kurusha uko twahoze mu bihe vya kera." Ntureke ngo umurwanizi agushirekoivyo bintu. Naberetse integuro yiwe yose y'ubusirimu, ivy'ukwigan'ubushakashatsi. Yaramaze kuvyinjiza mw'ishengero, kandi ivyo ntimuvyumvirize.Gumiza imitwa yanyu kure y'ayo matereviziyo ya kera yanduye n'ibindi!

76 Kandiigisomwa cacu kuvuga iti: "Ntimugashushanywe n'ivy'iki gihe, yamaramuhinduke rwose." Ntugende uvuga ngo: "Nari najanishije kuw'Iyinga." Oya.Injira hanyuma uhindurwe ubu nyene, uhindurwe uve kuba ico uri, ube ico Imanaishaka ko uba.

Rero, bivanan'ubwoko bw'imbuto ikurimwo. Nimba imbuto y'ivy'ubwenge, n'ivy'inyigisho ari yoyashizwe muri wewe, har'ikintu kimwe gusa bishobora gukora, kukwonona, ntabindi, kuva kuba umuhungu canke umukobwa w'Imana. Ni co kintu conyene bishoboragukora. Abantu uyu munsi, mu gihe ndabitegereje, bakora nk'aho umengo ntibizerako habaho Imana.

77 Munyihanganireiyo mvugo. Nihagire uwumva ababajwe n'ivyo, si kubera ari vyo ngambiriye. Uwiyingaumwe aha vuba, narasabwe n'umukobwa wanje bwite, kuza kuraba televiziyo kumurongo bakurikiranirako indirimbo z'Imana. Ni kuw'Iyinga mu gitondo. Nashaka kwumvaOral Roberts mu nteguro yiwe, nari nababwiye baze kumbwira. Bambwiye bati: "Iyiurayumva, iyi ni yo ndirimbo ikomeye yaririmbwe." Umuhungu wanje ahagaze aho, nawe nyene yarabimbwiye. Naciye mbingura uwo murongo…

Dupanze ku mugore afise televiziyo mu nzuiwe. Sinigeze nshaka kugira n'imwe mu nzu yanje. Oya, mushingantahe. Sinshakaico kintu mu nzu yanje. Nosanga nayirashe n'inkoho yanje. Sinshaka ko hagira ahantuna hmwe duhurira n'ico kintu kibi. Oya, mushingantahe! Ariko yafashe i…

78 Reka ndababwiremwebwe Abanya Arizona hano. Vyarabonye vya vyigwa vyakorwa ejo bundi kw'ishuri,si ko? Mirongo umunani kw'ijana vy'abana biga mu mashuri muri Arizona bafiseikibazo co kubura ubwenge, mirongo itandatu n'indwi kw'ijana muri bo barabateleviziyo. None ivyo mubivugakw'iki?

Vyova vyizako ukoresha inkoho yawe! Murabona? Rero, ntimwemere ko umurwanizi abahuheraakoresheje ivyo. Oya, mushingantahe. Ubu rero abantu, nk'uko nabivuze, abantubakora nk'aho umengo ntibizoba ngombwa ko barenguka mu Rubanza.

Ababahungu n'aba bakobwa, bari bafise umuryango w'Abahindi, hamwe na mwen'ivyobintu vyinshi. Nibutse k'umuntu umwe yitwa Mutama Pool ari we arongoye icokintu. Kandi nimba narigeze kubona ukwononekara kw'indirimbo zigezweho, niukuntu bazikora; umurwi w'utugabogabo uhagaze aho, bashibagura amaboko hirya nohino.

79 Mu vy'ukurinahimbawe n'uyo musore hano muri iki gitondo, umwe yaririmba, vyasa neza, nk'umugabonyawe. Ivyo ndabikunda. Mu gihe mwebwe abadandaza muzana umurwi w'ututugabogabo

tugahagarara ng'aho, bakoma induru bongera bagira ivyo ari ivyovyose, bakaguma impwemu zabo gushika bahindutse ubururu mu maso; ukwo siukuririmba, ukwo ni ugutera urwamo rwinshi rw'ivy'ubwenge. Kuririmba ni "umudihouva mu mutima."

80 Nariyumviriyenti: "Mbega ishano! Mbega ibiterasoni! None ni gute biyitirira izina ry'ivy'ugusenga,maze bagakora nk'aho ata Mana ibaho!" Umuntu umwe yavuze, ejo bundi, umuhungu agendanan'umukobwa wanje, umuhungu w'Umukristo yavuze, bamubwiye amajambo adasanzwekuri Adamu na Eva, ngo: "Eva yagiye mw'itongo. Avuga ati: 'Bana, murabona kiriyahariya?' 'Ni vyo nyoko wanyu yariye, bituma twirukanwa muhira n'umuryango.'" Murashoborakwiyumvira ivyo, azwi ho kuba ari Umukristo ashikamye, yoca afata isezeranon'Ijambo ry'Imana hanyuma ivyo agaca abita mw'idundu ry'ingurube! Bakora nk'ahobatazotegerezwa kurenguka mu Rubanza. Ariko Imana izoshira ahabona amabanga yosemu Rubanza. Bakora nk'aho ata Mana ibaho.

81 Sinshakakubita abasazi, kuko Bibiliya ivuga ko kwita umuntu umusazi…si vyiza. Yesuyavuze ko atari vyiza. "Ntihagire uwo mwita umusazi." Ariko muri Zaburi 14: 1, havugahati: "Igipfapfa cibwira mu mutima giti: 'Nta Mana ibaho.'" Murabona? Ntiba—ntiba…Sinshakakubita ibipfapfa, ariko bakora nk'abo bari vyo. Bakora nka vyo.

Rero murabonaaho tugeze uyu munsi, nka, "Nta Mana ibaho." "Ndaja kw'ishengero!"Kandi bose, ibintu vyose, Bibiliya, yabaye ikintu gikomeye co guteburirako. "Ishengeroryacu rirazi aho ririko riraja!" Ego… [Agaca katavuga kuri bănde—Umw.]…batumbereye ubudakebuka ikuzimu, neza naneza. Bari mu nzira yabo, bamanuka ubudakebuka barongowe n'ubushakashatsi hamwen'ivy'inyigisho, amaseminari ya tewolojiya n'ibindi, ni vyo bagenda bishimira. MpwemuYera nta buryo na bumwe afise bwo gutanga impishuro ku kintu na kimwe; iseminariyaritwararitse kubibuza. MpwemuYera ni We ategerezwa kutuyobora; ntabwo ari iseminari, ntabwo abepisikopin'abagenduzi, n'ibindi. Mpwemu Yera ni We Muyobozi wacu.

82 Kayiniyari umuntu ameze gurtyo. Yariumunyedini cane mu bikorwa. Rero, nimba idini ari vyo vyonyene mutegerezwakugira, aho rero Imana yaragize akarenganyo mu kwanka Kayini. Kubera ko, yariumunyedini, yari umunyedini kandi ashimitse mu mutima nka Abeli. Rero mwibuke,yariyumvira ku Mana, yarasenze Imana, yari afise ishengero, yarubatseigicaniro, azana ishikanwa, arasenga, arahimbaza, ariko arankwa. Ntaco bivuzeuko…na Esau ni kwo kw'uko. Murabona?

Idini, murabona, ivyo ni ivyaSatani; ntabwo ari kwica ico kintu cose, ahubwo ni kucanduza gusa. Nta bindi.Ntabwo azokwica ico kintu cose. Ôo, ntabwo ari abakoministe; oya, oya,anti-Kristo ntabwo ari ubukoministe. Bibiliya ivuga iti: "Vyozimije n'Abatowe iyababishoboka." Ntimusamazwe n'ico gihuzu c'icuma, ahubwo nyabuna kimwe c'agahama.Uh-huh.

83 Ariko, nimurabe, Kayini yajegusenga, ariko yari afise utubuto rutari rwiza muri we, urubuto y'inzoka. Uruhwarw'inzoka rwamuvugiyeko, kuko yari uruvyaro rw'umugore. Yaramenye ubugombebutunganye bw'Imana, ariko yanka kubukurikiza. Ivyo mwari mubizi? Satani araziubugombe bw'Imana, ariko aranka kubukora.

Nimurabe, yari yabonye Imanayemeza ubutumwa bwa Abeli. Aha rero ndashaka ko mwiyumvira, mukoreshe Akayunguruzokwanyu k'umuntu yiyumvira aka kanya umunota umwe. Ubutumwa bw'ukuri bwa Abeli, nibwo Imana yemeje ko ari Ukuri! Ubu muriko murabitahura? Uh-huh. Ubutumwa bwaAbeli bwari bwakiriwe, kandi Kayini yarabibonye anamenya ko Imana yemeje ubwobutumwa kw'ari ukuri. Ariko ntabwo yashoboye gukurikiza. Ubwibone bwiwe bwarabimwankiye.Ukwo ni ukuri, ubwibone bwiwe bwaramwankiye kubikora. Yarabonye Imana yemezaubwo butumwa.

84 Bisa nk'aho ari bimeze n'ubu,biragoye cane ku bantu kwicisha bugufi kw'Ijambo ry'Imana. Nti—nti—ntibashakakubikora. Bazokwicisha bugufi kuri nemera z'ishengero, koko, ariko atari kw'Ijambory'Imana.

Ibi nimba mushaka kubibona, muragenda…NdafiseIcanditswe hano, ni co ndiko ndisunga hano. Itanguriro 4:6 gushika ku 7, Imana yabwiyeKayini, iti: "Kuki mu maso hawe hijiriwe? Kuki wuzuye uriko uja irya n'inowuzuye ishavu? Uhejeje kwumva ubutumwa bwakubabaje." Iramubaza iti: "None, kuberaiki umeze uko? Kuki mu maso hawe hijiriwe, kubera ko ntaje mw'ishengero ryawe? Kuberaiki umeze uko?"

Muriko murakoresha Akayunguruzok'umuntu yiyumvira? Murabona?

Canke, "Kuber'iki utakoze…Kubera'ikiusa gutyo?" Iramubwira iti: "Niwakora neza, genda ugenze nk'uko murumuna waweariko arabigenza hariya, nzokwemera maze nguhe umugisha. Nzogukorera co kimwekimwe." Ariko ntabwo yashoboye kubikora. Iramubwira Iti: "Ubu rero, n'iyoutabikora, icaha c'ukutizera kibunze ku rugi."

85 Rero iyo batubwiye bati:"Iminsi y'ibitangaza yararenganye," hanyuma bakabona vyemejwe muburyo butunganye kandi bigaragajwe, murabona, ivyo bintu vyose Imana yasezeranyeko Yobikoze mu minsi y'iherezo, mu Vyahishuriwe Yohana10 na Malaki 4, ivyobintu vyose bikemezwa mu buryo butunganye, hari ingorane nyabaki ga Bene Data?Ni igiki kitagenda neza, Murabona?

N'iyo batabikora, ukutizera, arina co caha…Hariho icaha kimwe rudende, ni ukutizera. Ni ukuri. Ntucirwakwitekakubera unywa inzoga, unywa itabi, utukana, wambara amabutura, ukaba ukora ivyoukora vyose. Oya, ivyo si vyo bigucirakw'iteka. Ni kubera ko utizera. Nimbawizeye, ivyo bintu ntavyo uzokora. Murabona? Ivyo uwizera ntavyo akora. AfataAkayunguruzo k'umugabo yiyumvira, murabona, murabona, canke Akayunguruzok'umugore yiyumvira, kamwe mur'utwo. Neza cane. Ariko, murabona, icaha kibunzeku rugi.

86 Ubu rero nimurabe ico ivyovyagize kuri Kayini, kandi ni ko bigiye kumera uyu munsi. Vyatumye Kayiniagenda, umunyavyaha avyigombera. Yagambaraye abigambiriye. Ni ko bizogendera umuntuwese. Yagambabaraye ibigirankana amaze kubona ubutumwa bwa Abeli bwemezwan'Imana, yuko kwari kwo kuri, gusa yanka kubikora. Yari gukora nka kurya nyenemw'urya mwanya. Hanyuma aca ajabuka wa murongo utandukanye.

Harihoumurongo umwe ushobora kujabuka. Ivyo murabizi, si ko? [Ikoraniro rivuze riti:"Amen."—Umw.] Ubu rero, abakozi b'Imana, baba abari hano mbere n'abari mu mugihugu aho uyu murongo wa telefone ushika, kw'uyu muhora ukwiye igihugu cose, ivyomurabizi? Iyo ubonye kw'ari Ivyanditswe, hanyuma ntubikore, Imana ntizokwama…Izo…Ôo,muzobandanya, muhezagirwe. Ni ko vyagendeye Abisirayeli bose, babaye mubugaragwa, bararonse abana, imyimbu, barahezagirwa, gusa bose, ariko "bosebaratandukanye n'Imana Ibihe Bidashira." Ni Yesu yabivuze. Ôo, ego, Imana izoguhezagireneza, ariko ivyawe bizoba vyaheze. Atankeka. Ni ko Bibiliya ivuga aha, ni ko Yavuze. Icitonderwa, urashobora kujabukauwo murongo utandukanya. Ivyo muravyizera? Kayini yarabikoze.

87 Reka—reka tuzingurure hanoumunota umwe, ndafise Abaheburayo 10:26. Reka ndabe nimba noshobora kuhabonaubu nyene vyihuta. Igitabu c'Abaheburayo, igice ca 10 hanyuma ku…Nibaza kw'ar'umurongowa 26. Ndafise aho vyanditse hano. Umunota umwe gusa, nimba muri bunyihanganire,reka tubisome umunota umwe. Neza cane, ng'ibi rero.

Kuko nimba dukora ivyaha ibigirankana kandi tumaze guhabwakumenya ivy'ukuri, ntihaba hagisigaye ikimazi c'ivyaha,

Ariko haba hasigaye kwitega kwitegana ubwobaugucirwakw'iteka, no kwitega umuriro w'inkazi uzorigata abansi b'Imana.

Ivyo ni NI KO RIGIZE IJAMBO RYERARY'IMANA. Nimbatutizera ibigirankana tumaze kubibona no kuvyumva, aho tuba tujabutse uwo murongo.Ntabwo hazongera kubaho imbabazi kur'ivyo, igihe uba warenze uwo murongo.

Uragira uti: "Ôo, Imana ibandanyaimpezagira." Ôo, ego.

88 Nimwibuke Abisirayeli, hamwe baribageze ku rubibe, igihe Imana yari yabahaye isezerano, hariya muri ca Gihugu Cera,…mugihugu, vyari vyiza, kimwe c'amata n'ubuki, kandi igihe Mose yarungika Kalebuna Yosuwa, n'abatasi, ngo bajeyo, gutata kirya gihugu, bagarukanyeibimenyamenya vy'ukuri, hamwe bamwe cumi muri bo bavuga bati: "Ntavyo twoshobora,ntavyo dushoboye, raba zirya ngorane harya, tuzoba tugiye kwiyararaza, dufiseutu tuntu dutoduto two kurwanisha, hanyuma na bo murabe ivyo bafise, ntavyo—ntavyotwoshobora, ntidushoboye kubikora."

Yosuwa na Kalebu baravuga bati: "Turiabarushirije kushobora, Imana yarasezeranye."

Kandi mwibuke,baciye basubira inyuma. Aho hari i Kadeshi-Baruneya. Baciye basubira inyumabahinduka inyererezi mu bugaragwa. Kandi bose barapfuye, kandi batakaye IbiheBidashira. Ni Yesu yabivuze.

Ntimukarengeuwo murongo utandukanya, murabona. "Iyo uzi gukora iciza, hanyuma ntugikore, bikuberaicaha."

89 Abisirayelibakoze nk'ivyo nyene. Bamaze kubona Mose yemejwe, hanyuma bareka Balamu arabahuhera,urwo Rubuto rwiza rwemejwe. Mwungere, ntuze wigire (habe n'igihe na kimwe) uvugaikintu na kimwe kinyuranye n'iri Jambo. Raba Balamu, yari umuvugishwa, yarabonyeUrubuto rw'Imana rwemejwe. Ariko ari mw'idini ryiwe bwite yarimwo, Mowabuyabonye uwo murwi w'inyererezi uje guca mw'ico gihugu, aca arabahuhera, avuga ati:"Hinge gato. Twese turi Abakristo. Twese turi abizera. Erega, ba sogokuruzabacu na ba sogokuruza banyu ni bamwe. None twebwe ntituri abana ba Loti? NoneLoti ntiyari umwishwa wa Aburahamu? Aho none twese ntituri bamwe? Reka turongorane."

HanyumaAbisirayeli, nka kumwe kwa Eva mw'itongo rya Edeni yaretse Satani akamuhuhera, yarongeyeahuhera Abisirayeli acishije mu muvugishwa w'ikinyoma. Mu gihe umuvugishwaw'ukuri yari kumwe na bo, hamwe n'Ijambo ryemejwe. Ariko biciye ku ciyumviromva-mutwe c'ubwenge bw'ubumenyi, yarabahuhereye. Nimuvyibazeko. Ubu rero, ntivyigezebibabarirwa, ico caha nticigeze kibabarirwa.

90 Izo mbutozaciye ziborera mu nzira z'iyo zariko ziragana, mu nzira igana mu gihugu c'isezerano.Bose

barahonye kandi baraborera neza na neza aho mw'ishengero, mu nzira barikobakurikira Imana. Kandi barareka Satani akabahuherako iyo myuka y'ivy'ubwenge, n'ivy'inyigisho,iciyumviro mva-mutwe c'ubwenge avuga ngo: "Erega twese turi bamwe, tweseturi abana b'Imana." Ntimuri bo! Ariko arareka uwo mwigisha w'ikinyoma ng'ahoakabahuheramwo ico ciyumviro mva-mutwe c'ubwenge nk'aho yoba abifise.

Kandi ni nk'ukoInama y'Ubumwe bw'Amashengero iriko irabikora n'ubu nyene, murabona, ca kintu nyene,"Erega, twese tugiye kunywanira hamwe mw'idini rimwe rihambaye." Iyo ndinganizoyanyu y'iryo dini yose ni iy'umurwanizi. Ni ikimenyetso ca ca gikoko co muriBibiliya. Nzoshira ahabona igitabu kibivugako, aha vuba, Umwami niyabigomba.

91 Nimurabe,mu gihe ca Nowa, babonye Ijambo rihagurutse, kugira ngo rireremba ku mazi. Uburero reka ngire ico mvuga aha nyene, Ijambo ryari ryateranirijwe hamwe kugira ngorihindurwe ku buryo riva ku butaka rikaja mu kirere. Uravye ico kintu ukuntucari cubatse; ariko hamwe n'ivyiyumviro vyabo vy'ubwenge, baciye bitwengeraimbonanya imbere y'uwo muvugishwa, Nowa, igihe yariko aravugishwa ku gihec'iherezo. Ariko icatumye…Ico kintu cari cubatswe mw'Ijambo ry'Imana, gihomyen'ishishi imbere n'inyuma, hamwe n'amasengesho n'ukwizera. Aho iyo mvura igwiriye,ivyiyumviro vyose vy'ubwenge vy'amadini vyarapfuye maze bica birabora…aho nyenemu mashengero yabo, kw'isi. Maze bwa bwato bwobwo bureremba hejuru ya vyose. Urubutorw'ivy'ubwenge rwari rwarakwiragijwe rwaciye ruborera aho nyene mu rubanza.

92 Turikotugerageza gukora iki, ubundi bwo? Turiko tugerageza gutsimbataza ishengeroryacu canke turiko tugerageza gutsimbataza Ijambo ry'Imana? Turiko tugeragezagukora iki? Ducuritse imitwe mu biki? Turiko tugerageza kugarukana abantu kur'Ibi? Ni igiki uyu Eva ahambaye ariko agerageza gukora hano mur'iyi minsi y'iherezo,uyu Eva-shengero?

Ni ngombwako mpagarika ubu nyene Mwene Data, kubera ha—harengeranye. Nimunyongere iminotaigera kuri cumi n'itanu gusa, hanyuma Ivyanditswe vyanje nza gucandabigarukiriza aha. [Mwene Data umwe avuze ati: "Nta nkeka, bandanya."—Umw.]Ego. Neza cane. Ndabizi. Emwe, abantu bisa nk'aho bashaka kwinjira hano mazeibi babifute. Ariko bisa nk'aho bingoye kubireka. Reka nyarutse. Neza cane.

93 Raba, uyuEva akomeye w'ubumenyi, n'ubushakashatsi w'imvange uyu munsi, yitwa ishengero,ariko agerageza gukora iki? Burya ariko agerageza gushira hejuru Ijambory'Imana, akareka abantu bagakora uko bakora? Ntibariko bakoresha Akayunguruzok'umuntu yiyumvira, canke, Akayunguruzo k'Imana. Nimurabe ivyo bariko baravamwo.Bariko bishira hejuru ubwabo. Ishengero ni, mu rubuto rwaryo rwononekayerw'integuro y'ubwenge, yatumye ibiremwa-muntu vyose bihinduka ibitazi Ijambory'Imana, kubera ivy'ubwenge. Kano kanya reka ayo majambo ndayasimbe, sindayamarakoumwanya munini, kugira ngo ndangize. Ibitazi kubera ivy'ubwenge! Mu gihe Imana,hano kw'isi, iriko irakora ibintu iriko irakora, biciye kw'Ijambo ryayo ryasezeranywe,none ntaryo bazi, kandi baca bigira kuko ari ibitazi kubera ivy'ubwenge. Niibitazi kubera ivy'ubwenge!

94 Narikondamwenyura mu kanya kubera Mwene Data Williams hano, yanditse hano kurupapuro, ngo: "Urashobora gufata umuhingamo wose," ikintu nk'ico. Ariko, ivyondabishima, ni vyiza rwose. Murabona?

95 Arikoabantu bariko—bariko barakora ivyaha ibigirankana. Vyazanye indinganizo yose y'isiy'ishengero uyu munsi mu vyaha vy'ibigirankana birwanya Imana. Erega, inderoruntu isanzwe yonyene izokwereka kw'ari ukuri. Neza cane. Igihuzu c'ukwipfuza caramuhumyeamaso, kw'Ijambo ry'Imana, none yongeye kwisanga ari amenya. Murazi, Imana, mu VyahishuriweYohana 3, yavuze ati: "Ngwino ungureko umuti wo gusika ku maso, kugira ngoamaso yawe abone guhumuka." Murabona, Umuti wo gusiga ku maso ni Ijambo ryayo.

96 Murabizi,bavuga ngo: "Emwe, uyu mugabo yize imyaka mirongo ine, kugira ngo aronke indangabumenyi.Yaraminuje mu vy'Indimi n'Ubumana, Umwigisha mu vy'Ubumana, hamwe n'ibi vyose."

Mbegaivyo murazi ico Yesu yabivuzeko? Yavuze ati: "Umuntu niyiyanke." Pauloyarabikoze.

Wovuga uti: "Ivyo si ico bisobanura."

None rero, kuki Paulo yabikoze?Yavuze ati: "Ntabwo nigeze nza iwanyu ndi agakura mu majambo y'ubwengebw'umuntu, kuko mwohava mwubakira ivyizigiro vyanyu kur'ivyo. Ariko naje iwanyumu bushobozi no mu kwigaragaza kwa Mpwemu Yera, kugira ngo ijambo ryanyuribe…ng'ukwizera kwanyu kwubakire kw'Ijambo ry'Imana, atari ku kugaragazaubwenge."

97 Birasa nk'aho abantu bătākaje inderoruntu yabo n'urupfasoni. Ntibakimeze uko bahoze bameze aho hambere. Kera, igiheumuvugishwa yaba avuze ati: "UKU NI K'UHORAHO AGIZE," abantu bava bahindaagashitsi. Ego, baca bahinda agashitsi. Băca bagira ico bakoze, kuko baba bafiseubwoba. Ariko ubu baratakaje ugutinya kwabo kwose kur'ico kintu. NtibatinyaImana.

Salomo yavuze ati: "U—ugutinyaImana ni ryo tanguriro ry'ubwenge," ni itanguriro ryabwo gusa.

Ariko ubu umuvugishwa arashoborakuvuga NI K'UHORAHO AGIZE, ukaza wumva abantu bavuze bati: "Umve ubwobupfu!" Murabona, nta cizere kigihari kuri bo. Ni, bavuga bati: "Erega,twebwe turi incabwenge. Twarize, si ngombwa ngo dufate ibintu nk'ivyo! Ivyotuvuga turabizi!"

Ni wa mugani wa kera, ngo: "Abapfapfabazogendesha ibirato bivuza urwamo aho Abamarayika batinya guhonyoza ibirenge."Koko.

98 Ubu rero, uguhinduka ni iki? (Tunyarutse.)Tukuronka dute? Uguhinduka ni iki? Imana igukora icishije muri Mpwemu w'Ijamboryayo. Arahindura. Irateragira Imbuto yayo, Ikayivomereza Mpwemu wayo, hanyumaikazana umwimbu. Mpwemu Yera wayo arahindura Ijambo-Rubuto kugira ngo Yemezeubwoko bwaryo.

Ubwoko bw'imbuto muri, bwerekanaibiri muri mwebwe. Ntushoborakubinyegeza. Ico uri cose imbere, kiraseruka inyuma. Ivyo ntushobora kubibuza.Ntushobora kugira ico giti ngo kibe ikindi kinyuranye n'ico kiri. Murabona, bi—bizogendagurtyo. Mpwemu Yera ahindura imbuto ziri imbere muri co. N'ubwo zoba ari imbutobwoko ki, azozihindura. Nimba ari imbuto mbi izokwama ibibi. Nimba ariindyarya, izokwama indyarya. Nimba ari Ijambo ry'ukuri ry'Imana, rizokwamaumuhungu canke umukobwa w'ukuri w'Imana, biciye Kayunguruzo k'umuntu yiyumvira.Iyo urwo Rubuto runaze, rudugana mur'Iryo, rukama umuhungu n'umukobwa b'Imana.

99 Umunsiumwe, igihe isi yari mu mwijima w'urudubi, Imana…ubu rero mutege yompi mubwitonzi ntangere, kuko ntitugiye kuvuga…akanya gato. Murabona. Umunsi umwe, igiheisi yari yongeye kwinjira mu madini y'ubwoko bwose, gukaraba iminwe, kwoza inkono,kwambara amakanzu atandukanye hamwe n'inkofero, n'ibindi, yari iri mu rudubiruteye ubwoba. Abisirayeli b'ukuri b'Imana bari bononekaye cane baravuye kumategeko n'amabwiriza y'Imana, Yesu ababwira ati: "Mwebwe, kubera imigenzoyanyu, mwatumye Ijambo ry'Imana ritagira ubushobozi ku bantu, kubera imigenzoyanyu." Hanyuma murabe abo baherezi bera, nk'uko babita; Yesu yababwiye ati: "Muriaba so, wa murwanizi, kandi ibikorwa vyiwe ni vyo mukora." Murabona, ni vyorwose Yavuze.

100 Noneho mugihe isi yari imeze gurtyo, Mpwemu w'Imana yongeye gutambatamba ku Rubutorwatoranijwe. Yarasobanuye yongera ahingura Yesaya 9:6 kw'isezerano ryaho; Yo, Imana,Yigize umubiri w'umuntu, kugira ngo arokore ico gihe c'urudubi. Kubera umuntu yariyaremwe mw'ishusho y'Imana, none ehe Imana iraje, biciye ku muvugishwa yabayabibonye imbere y'igihe…Noneho mwibuke Ijambo, umuvugishwa yabibona imberey'igihe, gusa wa muvugishwa nyene yabona Satani mur'iyi minsi y'iherezo, murabona,mur'iyi nteguro y'ivy'ukwiga hamwe n'ibintu afise, indinganizo y'amadini. Uwomuvugishwa nyene, Yesaya 9:6, yavuze ati: "Kuk'Umwana atuvukiye, duhawe Umwanaw'Umuhungu; azokwitwa 'Umujanama, Umukama w'amahoro, Imana y'ubushobozi, Data watwese ahoraho.' Kandi inganji yiwe ntizogira iherezo." Kandi iryo Jambo niIjambo ry'Imana. Nuko Mpwemu atambatamba kuri iryo Jambo, maze ryibumba mu nday'isugi. Amen. "Havutse Umwana w'Umuhungu," atari hāremwe, "Havutse."

101 Satani yarageragejeyongera aragerageza, kurihuhera. Yaramuteruye amujana hejuru, amubwira ati: "Nimbaari Uri ico Uvuga ko Uri, rero nkorera hano uku gukiza. Nyereka ukuntu ushoborakubikora. Hindura ibi, umutsima, aya mabuye yahindure umutsima. Niwikorore,kuko Ivyanditswe bivuga ngo Uzobikora."

Mbega murabonaabo badayimoni b'ikidini uyu munsi bakivuga ivyo bintu nyene? "Nimba bikibahoivyo bintu ngo ni ugukiza indwara kw'Imana; ng'uyu Mwene Data naka arambarayeng'aha, numukize turabe."

Iyo dayimoninyene yari kumwe na Yesu ku musaraba, imubwira iti: "Nimba uri Umwanaw'Imana, niwimanure ku musaraba."

Ijamboryavuga ko ari Umwana w'Imana. Mpwemu yari yerekanye ko yari Umwana w'Imana.Yesaya 9:6 hari hashikijwe. Ejo bundi n'ijoro, benshi muri mwebwe mudukurikiraniraku murongo mwarumvise ukuntu twatanze hafi Ivyanditswe mirongo itandatu bitangaje,ndibaza, ko bijanye no kwerekana ko Ivyanditswe vyavuga ko yari We.

102 Ôo,Satani yaragerageje arongera aragerageza, arakora ibishoboka vyose. Ijoro rimwe,aryamye mu mfuruka y'ubwato, amubona asinziriye. Aribwira ati: "Ubu rero ngirandamurandure." Ariko ntiyabishoboye.

Yarageragejekumugerageza ngo akore ibitari vyo, ariko ntaco yashitseko. Kubera iki? Yari Yahuhereweumuti wo kutinjirirwa w'ugutoranywa kwo kuva kera. Ntibashobora guhendwa. Oya,oya. Ijambo ryari ryavuze ko Yobaye ari hano. Amen. Nta dayimoni n'imwe izomugiriranabi, kandi nta wundi mwana w'Imana, yateganijwe kuva kera gufata ikibanza ciwe.Ahuherewe n'uwo muti utuma atinjirirwa. Uburozi bwa Satani, abadogiterib'amadini ntibigera banamukorako na gato. Aguma Yibandaniriza, nta kintu nakimwe kizomugirira nabi, murabona. Nta bubasha na bumwe bimufiseko.

103 "Erega,nzokugira umwepiskopi w'isi yose. Ndayitegeka. Niwansenga gusa, ngwino winjiremu murwi wanje, nzo—nzokugira umutegetsi. Nzoca ndakubisa abe ari Wewe uganza."

Yamwishuyeati: "Mperera inyuma, Satani. Vyanditswe ngo, 'Usenge Imana, Ijambo, kandi abeari Yo Yonyene usaba.'" Noneho umunsi umwe…

Uyu Muntuahambaye, aha nashaka kuhamara akanya gatoya.

Arikoumunsi umwe, Mpwemu arongera amuzako; kuko ng'aho hariho Ijambo kanaka ryariryanditse kuri We, riva ku Mana, biciye ku muvugishwa: "Kandi Yajanywe kumacuniro, nk'umwagazi w'intama." Nuko Mpwemu amuzako, aramuyobora,amurungika ku musaraba w'i Gologota. Aho ni ho Yapfiriye. Kandi ibintu vyose vyarivyaravuzwe kuri We mu rupfu rwiwe, vyarashitse, kugira ngo bizanire Umuco n'Ubugingoimbuto zose z'Imana zatoranijwe kera zari kw'isi. Yazanye inzira yo kubikora. Ng'uruUrubuto, Mpwemu azana Ubugingo; agahindura abahungu n'abakobwa b'Imana, akababakuramw'isi mur'uru rudubi rw'umwijima, kugira ngo babe abahungu n'abakobwa b'Imana.

104 Ntimutsitarekuri iryo jambo "ugutoranywa kwo kuva kera." Ndazi ko muhavamuritsitarako. Ariko, nimwumve, Si ijambo ryiwanje. Ni rimwe mu Majamboy'Imana. Nimba mushaka kurisoma, soma Abanyefeso 1:5, havuga hati: "Yadutoranirijekera kuba abana samuragwa biciye muri Yesu Kristo." Murabona?

Rekamanyureko gato ng'aho umunota umwe gusa, mu, umunota umwe gusa, kugira ngo ivyondabikure mu vyiyumviro vyanyu. Raba. Nk'uko mwari muri ba so banyu, mu ntango,umugera w'urubuto. Ivyo mwari mubizi mwese? Mwari muri muri sogokuri wasogokuru wa sogokuruza wanyu namwe, ivyo mwari mubizi?

SomaIgitabu c'Abaheburayo, aho dusanga Levi yararishe ikigiracumi igihe yari mu burabwa Aburahamu, urunganwe rune inyuma yiwe. Igihe Aburahamu yariha ikigiracumikuri Melekisedeki, vyaraharuwe ku mwuzukuruza wiwe wo hanyuma yiwe, kandi icogihe yari mu bura bwa Aburahamu. Ng'ivyo rero. Murabona?

105 Wari mu burabwa so, ariko so wawe ntiyari gushobora kugirana isangira nawe kugeza igihe wahindukaumubiri w'inyama.

Uryamuhungu wanje harya yahoze muri jewe. Na—na—narashaka umuhungu, ariko ico giheyari muri jewe nyene. Murabona? Ico gihe yari muri jewe. Ariko biciye mu ngoyizo kwabirana, yarahinduwe acika umuntu nkanje, hanyuma ahinduka umugabo nkanje.

Kandi muhindukamukamera nk'ababyeyi banyu, murabona, kubera uhereye ubwa mbere vyari muri wewe.Non erero nimba turi abana b'Imana, ibiyiranga…Ivyo, namwe muri ibiranga sawanyu, atari nyoko; so wawe. Akagera kaba muri se. Murabona? Noneho nyoko yari ibundikiriroryakubundikiriye, ryabundikriye urubuto rwa so. Murabona?

106 Kandiisi, mu mubiri, na yo ni ibundikiriro ribundikira imbuto y'Imana. Murabona,neza na neza. Si isi, si ukuntu isi ihambaye; ahubwo ni ukuntu Imana yayiremyeihambaye. Murabona? Murabona?

Rero nimbauri umuhungu n'umukobwa w'Imana, ubwo rero wari mu Mana mu ntango. Uri ikiyiranga.Nimba utari aho ico gihe, aho rero ntiwigeze ubayo, nako ntuzokwigera ubayo.

Kubera,sinshobora kuvyara abana b'uyu mugabo canke abana b'uriya mugabo bavuye mu burabwanje, nshoboye kuvyara abana banje bwaite, kandi bazoba bansa. Hakekuya.Mbega murabibona?

107 Abahungu n'abakobwa bari mu Manamu ntango. Noneho murabe.Muvuga ko mufise Ubugingo Budashira. Turavyizera, yuko dufise Ubugingo Budashira.Erega, hariho imero imwe rudende y'Ubugingo Budashira, kandi iyo ni Imana. Nico kintu conyene gihoraho, ni Imana. Noneho nimba mufise Ubugingo Budashira, ubwoBugingo bwahoze muri mwebwe ibihe vyose, kandi mwari mu bura bw'Imana imbereyuko habaho n'isi. Kandi igihe Ijambo ubwaryo…Yesu ubwiwe yitwa Ijambo, kandimuri Yohana Mweranda 1, havuga hati: "Mu ntango hariho Ijambo, kandi Ijamboryari kumwe n'Imana, kandi Ijambo ryari Imana. Kandi Jambo yigize umubiri, abanamuri natwe." Rero mwari mu bura Yesu, kandi mwajanye na We i Gologota. Mwapfanyena We, kandi mwazukanye na We. None uyu munsi twicaye ahantu ho mw'Ijuru muriWe, twuzuye Mpwemu wiwe, abahungu n'abakobwa b'Imana. Twapfanye na We, tuzuranwana We. Koko.

108 Nonehorero, ubu, ubu murashobora kugiranira isangira na We. Ntushobora gusubira hiyokera, kuko wari Ijambo gusa muri We, urubuto. Ariko ubu Yarakugaragaje, none ubuarashaka ko mugiranira isangira na We. Hanyuma Yaramanutse, ahinduka umubirikugira ngo ashobore kugiranira isangira namwe mu buryo butunganye. Murabona isangiraritunganye? Ôo, bagenzi, ayo mabanga yimbitse y'Imana! Mbega ukuntu ari vyiza! Murabona,Imana ntiyari ishoboye kugira isangira iri muri Mpwemu, nuko Imana ihindukaumuntu kumwe natwe.

YesuKristo yari Imana ubwayo, igaragaye, kubera, Yari Umwana kuko yavutse, ariko rwariurusago gusa kugira ngo arubemwo. "Nta muntu yigeze kubona Imana, ariko Umwanaw'ikinege wa Se wenyene ni

We yayimenyekanishije." Imana yariyubakiye inzu,umubiri wo kubamwo, iramanuka kugira ngo mubashe kuyikorako. 1 Timoteyo 3:16, "Ntawobihakana, ibanga ryo kwubaha Imana rirahambaye cane; kuko Imana yagaragaye mumubiri, ibonwa n'abamarayika, irizerwa, Yakirwa mw'Ijuru." Murabona? Noneho Yo…

109 Wewe urimu mubiri, na Yo iri mu mubiri, mw'ico gihe murashobora kugiranira isangira, kuberako yari ikiranga Imana c'urukundo. Imana ni urukundo. Mbega ukwo ni ukuri?Kandi Yesu yari ikiranga Imana c'urukundo. Rero igihe ico kiranga urukundocerekanwa, ikaba yari Imana ubwayo; ibiyiranga vyose vyamumanitseko, bimuzako:"Abo Data yampaye bose, bazoza kuri Jewe." Koko, bategerezwa kuba batoranijwekuva kera. Atar'uko na ho, ntuzobayo. Nta bindi. Koko.

Ubu rero turashoborakugiranira isangira, vyaciye mu—mubutunzi bw'Ijambo ryiwe, iryo muri umugabanewaryo. Uri umugabane w'Ijambo; kuko Yari Ijambo mu ntango, uri Ijambo ubu. Murabona? Ndaza kwigisha uyu mugoroba, canke ku w'Iyinga canke umunsi umwe ninagaruka, kuvyerekeye Ijambo ico ari co, murabona. None ubu muri umugabane w'Ijambo.

110 Nimwumve.Hariho ikintu kimwe ntashobora gukora. Sinshobora kwirata ba sogokuru banje. Oya, nturuka mu mwanda uteyeubwoba. Dawe yari umunya Irlande. Mama yari hafi Umuhindikazi, yariUmuhindikazi igice; nyina yari Umuhindikazi, yari hafi gukukuruka. Rero bose, zariimborerwa, benshi muri bo bapfuye bahagaze, bariko bararwana, abarwanyib'itwaje inkoho, n'ibindi. Ntabwo nshobora kwirata ivyo, kubera bagosokuru bacuhamwe n'umuhora w'umuryango wanje biteye ubwoba.

Ariko, Mwene Data, hari ikintukimwe nshobora kwirata, ndashobora kwirata Umwami wanje Yesu We Yancunguye; hamwen'ubushobozi bwiwe buhindura bwateye imbuto, biciye mu gutoranywa kwo kuvakera, kandi narabibonye. Ubu ndi umuhungu wande? Ego. Ndashobora kumwirata.Kandi namaze imyaka mirongo itatu n'itatu y'ubuzima bwanje, ndamwirata. Hamwe anzigamyeiyindi myaka mirongo itatu n'itatu, nzogerageza kumwirata birushirije. Murabona?Ndashobora kwirata uwo Sogokuruza, haleluya, Uwo Yacunguye akanatera urubuto rw'Ubugingohano, kandi akandeka nkitegereza kuriiri Jambo, arungika Mpwemu wiwe ati: "Ng'ibi hano. Vuga ibi, hanyuma bizoba.Kora ivyo." Kandi yemwe, bagenzi, ndashobora kumwirata! Yabigenje ate? Biciye mukunyoza namazi n'Ijambo, amazi yo gutandukana. Twari twifuza kubisobanura.

111 Abizera b'ukuri batoranijwe kuvakera bazogumana n'Ijambo kuko ari abagize iryo Jambo.

Yemwe nyenyeri ziyerera, uzoyererakugeza ryari? Mwebwe Abametodiste, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, abashitsi, abomuri bo bose, uko woba uri kwose, inyenyeri ziyerera, ziva mu rusengero zija murundi, ziva ku nkingi zija ahandi, no kuri televiziyo zija ku yindi televiziyo,ziva kw'isi imwe zija ku yindi si, kuki mutoza? Aripfuza cane kugirana isangiranamwe. Arabakumbuye cane. Arashaka kubahindura mu kugira imitima yanyu misha, atarikuva mw'ishengero rimwe canke mw'idini rimwe, ariko kw'Ijambo ryiwe, iryo muriumugabane waryo nimba ico cipfuzo kibarimwo.

Hahirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka: kuko bazohazwa. (Murabona? Uh-uh.)

None Yararungitse ubushobozibwiwe buhindura, kugira ngo bubakure mur'ukwo kwononekara kw'amadini murimwo.Mur'uku kwononekara kw'urudubi turimwo, Imana yararungitse ubushobozi bwayobuhindura, Ijambo ryayo, ryemejwe, rigaragajwe, kugira ngo ribakure mw'ukwokwononekara kw'amadini kw'ukutamenya mugenderamwo, "ugenda amenya, uri impumyi,umugorwa, kandi ntavyo uzi." Nimuvyibazeko, bagenzi.

112 Murazi, Imana yararungitse ubushobozibwayo buhindura kugira ngo ishitse Ijambo ryayo, maze ihindura umubiri wose waSara na Aburahamu. Yarahinduye umutama n'umutamakazi, kuko yari Yarasezeranye koYobikoze.

Kandi ico Imana isezeranyegukora, ko izogikora. Nta kintu na kimwe, habe na kimwe…Ikintu cose cononekaye,Imana ntaco ishobora gukora na co. Ariko Izoshitsa Ijambo ryayo, kandi IzorungikaMpwemu wayo! "Jewe Uhoraho ni Jewe nabivye. Nzobivomera umurango n'ijoro,kugira ngo bamwe ntibazobinshikure mu biganza." Bibiliya ni yo ibivuga.

113 Ôo, yemwe nyenyeri ziyerera, mwebwemufise icipfuzo mu mitima yanyu! Mutegerezwa kuba mugifise, atar'uko hohontimwari kuba mwicaye hano muri iki gitondo. Kandi ntimwari kuba muri mur'ayomashengero no mw'izo ngoro z'amakoraniro, n'aho hose muri, hiyo hanze mbere nomu gihugu cose, iyaba hatariho Ikintu kanaka cahakuzanye. Umuntu kanakayavuganye nawe. Ntuje kure. Hariho kwozwa n'amazi n'Ijambo, ivyo bizokugiraumweru nka shelegi. Yemwe bana b'Imana, nimwumve! Ntimugume muri ukwokwononekara. Nimusohoke muveyo. Aburahamu yizeye Imana, maze yita ikintu cosekinyuranye…

Wovugauti: "None nzobaho gute? Ibi nobigenza nte?" Ivyo biraba Imana. "Ndabigenza gute? Abodukorana boca banshibura."

Imana yavuze iti: "Uwuzoheba se,nyina, umugore, umugabo, ingo, amazu; Nzomuha ayo mazu n'izo ngo, nzomuha ba sena ba nyina, na bene wabo na bashiki we, muri iyi si, n'Ubugingo Budashira mw'isiyo

muri kazoza." Ni isezerano, mugenzi. Iryo, yewe, iryo ritegerezwa kuvomerwa!Isezerano ryose Imana itanga arashika. Urubuto rwose rw'Imana ni isezerano.

114 Kandi, mushiki wacu, hagarikakumwa umushatsi, kuko ni ikintu kitabereye imbere y'Imana. Hagarika kwambara izompuzu, ni ikizira kuri Yo!

Mwebwe Bene Data, mwebwe bagabo, hagarikakwishushanya n'ayo madini, mu gukora ivyo bintu, no mu kureka abagore banyubagakora ibintu nk'ivyo. Ntibibereye ku Bakristo.

Garuke kw'Ijambo! Fata iri Jambo,rizokura. Ritegerezwa gukura. Ubushobozi bw'Imana buhindura bwarikujije ubwambere, Iriko iragaruka kugira ngo Irigarukane. Iriko iragaruka neza na neza hamwevyari.

115 Henoki yahinduwe kuva mu rupfu,kubw'ubushobozi bw'Imana buhindura. Ivyo Imana yabikoreye iki? Kubw'ikigereranyo c'Ishengero rigiye kuza rizozamurwa. Ego. Na Eliya vyagenzegurtyo.

Umubiri wa Yesu waragizwe muzimaumaze gupfa. Hanyuma mu mva, umubiri wagizwe muzima n'Ijambor ry'Imana; mazeurahindurwa uva kuba ishusho ikonje yapfuye, uba Umwana w'Imana yazutse, yahaweubwiza. Kubera wa muvugishwa, Zaburi 16:10, nimba mushaka kuvyandika, 16:10,havuga ngo: «Sinzorekera Umushaha wiwe i kuzimu, n'Uwera wanje sinzokwemera koabora.» Ô Mana!

Iryo Jambo ritegerezwa gushika,kubera ari Ijambo ry'Imana! Ribibe mu mitima yanyu, nimba mushaka kugendamw'Izamurwa. Nimba ushaka kuba Umukristo nyawe, fata iri Jambo. Nibaza ko yariEzekiyeli, umwe Imana yabwira iti : «Fata uyu muzingo, uwurye, » uwomuvugishwa hamwe n'iryo bociye bahinduka umwe. Kandi isezerano ryose ririmworitegerezwa kwigaragaza ryo nyene ubwaryo, kubera ko ari Uburuto rw'Imana rwoku nkomoko. Ntimuze mwemere ko umwe mur'abo banyatewolojiya bizengw'abibakuremwo. Nimuze mwemere kw'abahuhera n'uwo muhora w'ivy'ubwenge hamwen'ubumenyi n'amashure. Mwizere Imana!

116 Aburahamu ntiyafasheubushakashatsi bw'ivy'ubwenge vy'igihe ciwe, ngw'avuge ngo: Ndashaje rwose, ntamwana noba nkironka, ngeze kure cane. Narakoze ibi, birya na biriya.» Arikoikintu cose kinyuranye n'Ijambo ry'Imana yagifata nk'aho kitabaho. Kandintiyakekeranishijwe n'ukutizera kw'Ijambo ry'imana; ariko yarashikamye,ahimbaza Imana. Yari azi ko Imana yari ishoboye gushitsa ico Yasezeranye.

117 Yemwe bana muyerera, mwononywen'ibirandaranda vy'isi! Bashiki bacu muyerera mwakwezwe n'ibibanza hamwen'imideri y'iyi si. Kandi Mushiki wacu mukundwa, ushobora kumfata nk'umutamaagigimiza, ariko umwe muri iyi minsi aho uzohurira n'ico Florence Shakarianyahuye na co mw'ijoro ry'ejo bundi; na we nyene yaricaye mur'iyi nyubakwa,mur'iki kibanza, nk'uko nawe ubizi. Niwahura n'ico, uzoca umenya kw'atari jewe,ahubwo kw'iri Jambo ari ukuri. Ja kure y'ivyo bibanza vya ba kimyozi, mw'izoduka z'imideri. Sohoka uve mur'ivyo bintu.

Wovuga uti: "Kubera ikiutabigisha ibintu bihambaye, ingene bohinduka ibi?" Reka dutangurire kuri ABC, hanyuma tuzoshikira ibiharurobivanze n'indome. Murabona? Reka dutangure kwiga "ni ho kuyikorera kwanyukwogira ikimazi."

Nuko Bene Data Ndabahanura kubw'imbabazi z'Imana, ngomutange imibiri yanyu ibe ibimaze bizima vyera, bihimbara Imana, ni ho kuyikorerakwanyu kwogira ikimazi.

118 Nimugire gusa "ni ho kuyikorerakwanyu kwogira ikimazi," Imana izokwitwararika ibisigaye; murabona, kwiyumviragusa ku bintu woshobora gukora hamwe n'ukwiyumvira kwawe bwite. Si kugira…Mbegasi ikintu c'ubupfapfa ku mugore kwikura impuzu, hanyuma agasohoka ng'ahoagakora nk'ukwo, mu gihe bibiliya ibicirakw'iteka? Mbega si ikintu c'ubupfapfaku mugabo kwiyugaranira mu mitegekere nk'iyo dufise uyu munsi, hamwe n'ibibintu vyose bir'aha, hamwe n'ibi bintu vyose vy'amaseminari, hamwe n'ibintunk'ivyo, mu gihe binyuranye n'Ijambo ry'Imana mu buryo ntabanduka? Murabona?

119 Iminwa ya Yesaya, yari umuntuasanzwe w'iminwa yanduyse. Yavuze ati: "Uhoraho we, mba hagati y'abantubanduye, kandi nanje ndi umunyaminwa yanduye. Ndagowe kuko mbonye Imana." HanyumaUmumarayika umwe araguruka aramanuka, atora Umuriro, Umuriro Mweranda uvuye kugicaniro c'Imana, hanyuma ahingura iminwa yiwe; iva kuba iminwa y'umuntuw'inyererezi, iba iminwa y'umuvugishwa afise NI K'UHORAHO AGIZE. Ubushobozibw'Imana buhindura!

Abarovyi ijana na mirongo ibiri,hamwe n'abadandaza ba kera b'impuzu, b'abagore, abo bose bari bakoraniye hamwemu cumba co hejuru imiryango bugaye, bamwe muri ata mashure bafise ku buryobitonaboroheye kwandika amazina yabo. Abo Imana yarabahinduye ibakura kubaabarovyi, ibagira abarovyi b'abantu; ibakura kuba abagabo n'abagore bomw'ibarabara, ibagira abera b'Imana badapfa. Ubushobozi bw'Imana buhindura!

120 Paulo, umunywanyi w'ishengeronyakarambi, Umuperesipiteriyano, Umumetodiste, Umubatiste, Umupentekote, cankeikintu nk'ico; afata ibarabara amanuka, afise muri we uwo mutima udasanzwe woguhinyuza, yuko yar'azi vyinshi kuruta abo bantu. Yari yakuriye ku birenge vyaGamariyeli, umwe mu

bigisha beza bari bari muri kirya gihugu. Ni igiki cashitsemu rugendo rwiwe agiye i Damasiko, gufata abantu bari bizeye Ijambo ry'Imana?Ari mu nzira arikw'aramanukayo, yarakubiswe hasi, hanyuma yamva Ubutumwa.Hanyuma buca buramuhindura bumukura kuba umunywanyi w'ishengero canke umuntuyishimira kuba mw'ishengero; aba umuvugishwa w'Imana, uwanditse Ijambory'Imana, mw'Isezerano Rishasha. Kuva kuba umunywanyi w'ishengero ku kubauwera!

Yewe nyenyeri uyerera, hagarara.Mwana uyerera, Rubuto ruyerera ruva rukaja ahandi, mur'uru kwononekara;hindukira mur'iki gitondo, bane. Nyabuna nimunyumve nk'u—nk'umuntu ageragezaguhagarara hagati y'abariho n'abapfuye.

121 Hiyo mu gihugu aho uyu murongoushika nimba mukiriko murakurikirana, mwebwe abayerera irya n'ino, ndabinginzenimwicare umunota umwe. Ndazi ko amasaha yagiye hano muri Tucson, ndasavyemumbabarire, Phoenix, ni isaha zitandatu zirenga iminota mirongo ibiri. Kandiaba bantu nabagumije ng'aha kuva mu gitondo. Nababujije kuja ku kazi n'ibindi.Ariko raba ncuti mukundwa, ushobora kuja kure y'Imana ibihe vyose. Ndakwinginzegaruka kano gatondo. Murabigomba? Hariho umwanya kuri rya Riba.

Mu bwato bwuhira kera, ndazikw'ar'ukuri

Havukiy'uruyoy'ari we Mukiza,

Yohana yamubonye ku ruzi,yamweretsw'ari'Umwagazi,

Ewe Kristo Yesu watubambiwe.

Ôo, es'ukuntu nkund'uwo Munyagalilya,

Kuko Yankoreye vyinshi.

Yarampariy'ivyaha anyuzuza Mpwemuyera,

Ôi, es'ukuntu nkund'UwoMunyagalilaya.

Umutozakor'umuns'umwe, yaragiyegusenga

Atabaz'Umwam' asabimbabazi,

Yarahariw'ivyaha, ac'aronk' amahoro,

Urwo n'urukundo rw'Umunyagalilaya.(Ni ukuri.)

Ikimuga caratambutse, ikiragikiravuga

Ivyo vyamamajwe mu rukundo

Impumyi yarahumutse, ndazi kw'ar'ukuri

Ubwo ni ububasha bw'Umunyagalilaya.

Ivyo bigereranye n'igikorwac'ibango c'uyu munsi

Yashiz' ahabon'ivyaha, vya wa mugorekw'iriba

Abagabo batanu yari yarigeze,

Yarahariw'ivyaha ac'arinka amahoro,

Ati Muze murab'uno Munyagalilaya!

122 Mugore, Arashobora gukora nk'ivyonyene. Yasomyeumutima wawe iki gitondo. Mugabo, Yasomye umutima wawe. Ôo, mutozakori, rekadusenge.

Ôo, es'ukuntunkund'uwo Munyagalilya,

KukoYankoreye vyinshi.

Yarampariy'ivyahaanyuzuza Mpwemu yera,

Ôi, es'ukuntunkund'Uwo Munyagalilaya.

Mbegantimushaka kumukunda hamwe kano gatondo? Yewe munyavyaha uyerera w'umugarariji,uri hano canke hiyo aho woba uri hose, uremera Umwami wanje kano gatondo? Ni WeJambo, kandi Ijambo warizaniwe. Womwemera kano gatondo? Wokiriza ikiganza cankeugahaguruka, canke ikintu nk'ico, maze ugasenga uvuga uti: “Ndashaka kumwemerakano kanya nyene. Mwene Data, ndabigomba. Ngomba

kumwemera ubu nyene."Wohaguruka, umuntu wese ashaka gusengerwa, maze mukavuga muti: "Nda…" ahubwogusengerwa: "Ndi umunyavyaha. Nshaka…" Imana ibahezagire, mushingantahe. Ntawundi? Abantu bose basenge kano kanya, umunota umwe gusa.

Ôo, mu bwatobwuhira kera, (Hari mu rudubi, murabizi ukuntu isi yari imeze.) ndazi kw'ar'ukuri,

Havukiy'Uruyoy'ari We Mukiza.

Yohanayamubonye ku ruzi, yamweretsw'ar' Umwagazi, (Wa Wundi nyene uyu munsi.)

Ôo, eweKristo Yesu watubambiwe.

123 Muramukunda uyu munsi n'imitima yanyu yose, kugira ngo muve mur'ukwo kuntukw'isi murimwo? Mwebwe bagore, mwebwe bagabo, ôo, kuki mwoguma mwicaye aho umwanyamuremure? Vyerekana yuko hariho ikintu kanaka muri wewe, hariho ikintu kanakang'aho gifise inzara n'inyota. Ntiwari kuba wicaye ng'aho amasaha abiri cankeatatu, wicaye mu nyubako nk'iyi; hariho ikintu kanaka. Mbega murashaka kugifatankama uyu munsi? Reka imidera n'ivy'ubwenge, ibintu vyose vy'isi bikamangane muvyiyumviro vyanyu kano kanya nyene, mukundwa, nako Mushikanje mukundwa.

Umusukon'uratoshe,Isirayeli yavyutse

Rya hangaryari ryahanuwe,

Imins'iraheze,yuzuy'amaganya,

Nyarukawew'ugisigaye.

Umunsi wo gucungurw'uri hafi,

Eh'Imitim'ifis' ubwoba,

NiwuzureMpwemu, tegur'itara

Ugucungurwakuregereje.

Abanyabinyoma,baguma babesha,

Bati YesuKristo si We Mana,

Bahakany'Ukuri, ntibahishurirwa,

Twehodukurikiy'Intumwa.

124 Rero,ukwo ni ukuri. Ivyo murabizi, twese, igihe tubayemwo. Ariko Yavuze ngo:

Ku kagorobahazobah'Umuco

Muzomeny'inzir'Ijamu Bwiza.

Ico ni cogihe tubayemwo ubu nyene. Umuco uzorasa neza na neza mu gihe c'akagoroba igiheumwijima uzoba uje, igihe c'ibitutwa, ya nyenyeri yo ku kagoroba.

Ibitutwahanyuma inyenyeri yo ku kagoroba,

Hanyumainyuma y'uwo mwijima!

Rekantihabeho umubabaro mu gusezerana,

Igihenzokwurira bwa bwato;

Kubera nohakurya y'imbibe z'ibihe hamwe n'ikirere,

Umupfundaunjana neza kure,

Ariko nshakakubona Umushoferi w'ubwo bwato imbonankubone

Igihe nzobanjabutse.

Ntubimbwiremu buryo bw'umubabaro,

Yuko ubuzima atari indoto zigaragara!

Kandi k'umushaha usinziriye wapfuye,

Kandi yuko ibintu bitari ico bibonekako biri.

Ego, ubuzima ni ubw'ukuri, kandi ubuzimanta kubufyinisha !

Kandi imva si ryo herezo ryabwo,

Kuko Wavuye mw'ivu, uzosubira mw'ivu

Ntivyabwiwe umushaha.

Ubuzima bw'abantu bahambayeburatwibutsa

Yuko ubwacu buzima dushobora kubugiraubudasanzwe,

Kugira ngo nitwagenda tuzosige inyumayacu

Amakanda kumusenyi w'igihe;

Amakandikumbure uwundi,

Azoba arikoarasoza mw'ibahari y'ubuzima,

Mwene Dataw'umugorwa yaburaniwe,

Niyayabonaazoce asubiramwo intege.

Rekaduhaguruke, tuja ku gikorwa,

Umutimaw'ubuhizi, witeguriye kurwana.

Atarink'umukuku bisaba guhindagiza!

Ariko tubeabahizi mu ntambara!

125 Mananziza, ni abawe. Nabonye abagabo babiri bahagurutse, Data. Ndasenze, Mana, ngoubakire kano kanya. Bashaka kuba abahungu bawe. Batahuye ukutamenya kw'ubuzimababayemwo, none ubu bashaka kugirwa itoto, bagirwe basha, hamwe n'umubatizo waMpwemu Yera ku Rubuto rwatewe mu mitima yabo uyu munsi. Mana ihoraho, Muremyiwa vyose, Wewe Wavuze Ijambo ryawe, kandi ndizera ko Uzi kw'aba bagabo barigukora ibi kano gatondo. Ndasenze, Mwami, ngo Uvomere iryo Jambo, umurangon'Ijoro, ntureke Satani ngo abagukure mu minwe. Reka kizobe igiti mw'Iparadizoy'Imana, igihe vyose bizoba vyagarukanywe, kubera Ijambo ryawe ridashoborakunanirwa, bizosubira kuba. Kubera iyi si…

126 Ntihazobaho iterambere ry'ubu bwoko mw'iyo si igiye kuza. Nta modoka zizobayocanke ikintu na kimwe cakozwe n'ubushakashatsi. Nta kintu nk'ico kizosangwamw'isi igiye kuza. Ariko buzoba ari ubwoko bw'amajambere bw'Imana ubwayo ubwoizozana muri ya nganji y'ubwiza. Kubera, mur'iri terambere hariho indwara,urupfu, agahinda, imva, hamwe n'ivyankenerwa. Ariko mu Bwami bugiye kuza, ntarupfu ruzobayo, nta gahinda, nta ndwara, nda gusaza. Ô Mana, hiyo bizoba aribishasha, mw'iterambere ryawe.

Mana, duhingureuyu munsi, kubw'ubushobozi bwawe, mu kugira imitima yacu misha, kugira ngodutere ibitugu ibintu ata co bimaze vy'iyi si ya none, duhindukirire Ijambory'Imana. Reka tugirwe basha kubw'ubushobozi buhindura bw'Imana ku Rubuto rurimu mitima yacu, twebwe abizera, duhinduke ivyaremwe vyitwa abahungu n'abakobwab'Imana. Iri ni ryo sengesho ryanje ndagusenze Data, kubw'aba bantu, mw'izinarya Yesu. Amen.

127 Kanokanya kuri mwebwe muriko mudukurikiranira ku murongo, aho muri hose, ndashakako mwikirira Kristo hiyo nyene, nk'Umukiza wanyu, maze mwuzure Mpwemu wiwe.Amajambo yavuzwe kano gatondo, reka ashike mu mitima yanyu. Kandi reka ahomwakire Yesu. Hanyuma mwitegereze ubuzima bwanyu, murabe ni ubuzima bwoko kimuzobaho inyuma y'aho. Hanyuma na none mufate kano Kayunguruzo k'umuntuyiyumvira. Ubonye uriko ukora ikintu kinyuranye n'iri Jambo, c'ukija kure ubwonyene vyihuta. Murabona? Kubera ko hariho Akayunguruzo gatuma urupfu rugumakure yawe, na ko ni Ijambo ry'Imana. Amajambo yayo ni Ubugingo, kandiazokurinda urupfu.

128 Namwebantu muri hano mw'iyi ngoro y'amakoraniro, nabafatiriye umwanya munini.Ndabashimiye kubwo kuhaba kwanyu. Ndasavye ngo Imana ntize yigere ireka uruRubuto ngo rupfe. Ndizigira yuko mutiyumvira yuko mpagaze hano mvuga ibi bintukugira ngo mbe uwutandukanye. Ndabivugishwa n'urukundo, kandi kubera nzi yukoari mu gihe ndi uwupfa, nk'uko ndi aka kanya, ni wo mwanya wonyene nshoboyekwigisha abantu. Kandi ndakunda Yesu Kristo. Ni We Mukiza wanje. Kandi mwibuke,iyo ataba We, mba ndi mw'ibarabara. Mba hiyo; abavyiyi banje, umuryango wanjewose, bose bari abanyavyaha. Ariko Imana, hamwe n'ubushobozi bwayo buhindura, ndaziko bwangize icaremwe gisha. Nanje ndashobora kubibipfuriza, kubera ni vyiza. Bizoshikamu gihe c'amakuba. Mbere no ku rupfu, kw'irembo, nta bwoba muzogira. "Ntacoshobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo." Imanaibahezagire mwese, kandi ibahe Ubugingo Budashira.

129 Nibangahe hano badafise urwo Rubuto rw'Imana, umubatizo wa Mpwemu Yera? Mwokirizaibiganza

gusa, mukavuga muti: "Nyibuka Mwene Data Branham, kugira ngo ndonkeMpwemu Yera?" Kano kanya mushire Ijambo mu mitima yanyu, kandi muryizere. Kandinimba mu…Urashobora kwiraba. Murabona, urashobora kumenya.

Uravugauti: "Emwe, jewe sinakirije ikiganza kubera nizera ko ndamufise."

Niwirabemu cirore, hanyuma ubone ni impwemu bwoko ki iriko iraguhenda, murabona.Ivyiyumviro vyahenzwe! "Hariho inzira iboneka kw'ari nziza ku muntu, arikoamaherezo yayo ikaba ari inzira y'urupfu." Mbega ukwo ni ukuri?

Munsi y'umusarabaaho Umukiza wanje yapfiriye,

Aho ni honatakambiye ngo nozwe ivyaha,

Aho nih'amaraso yakoreye ku mutima;

...Ahimbazwe

130 Nimuhumirize gato, hanyuma iyo tuyimuririmbire. Reka dukirize ibiganza vyacu.

Izina ryiwerishimwe! (Izina ryiwe ryiza!)

Izina ryiwerishimwe!

Ni h'amarasoyankoreye

Izina ryiwerishi…

Ndashakayuko mwebwe Abakristo muramukanya, mwebwe abakijijwe.

Nakijijwenkurwa mu vyaha

Yesu mwizaaguma muri je

Aho kumusaraba ni ho yansanze

Izina ryiwerishimwe!

Izina ryiwerishimwe!

Izina ryiwerishimwe!

Ni h'amarasoyankoreye

Izina ryiwerishimwe

131 AyoMaraso afise akagera k'Ubugingo murio yo, murabizi. Ibi ni kur'abo batamuzi:

Ngwinokw'isoko nini nziza,

Ca bugufi wamurushwa we

Shika kunyondo z'Umukiza

Ngw'agutunganye!

Ôo, Izinaryiwe ri…

Rekatwunamike imitwe yacu maze tuyiririmbe.

Izina ryiwerishimwe!

Izina ryiwerishimwe!

Ni h'amarasoyankoreye

Izina ryiwerishimwe

132 Muramukunda? [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Paulo yavuze ati: "Nzoririmbiramuri Mpwemu. Nzosengera muri Mpwemu. Reka twongere tuyiririmbe kandi mu buryobwiyoroheje, twakirije ibiganza.

Muraziingorane ihari twebwe Abapentekote, twaratakaje umunezero wacu, twaratakajeigishika cacu. Nka kumwe Billy Graham yabivuga wa mugoroba, ngo : «Abobavugabutumwa, n'amakoro akunje, bagenda mu Bumanuko, bavuza amashi, bakadidaimigere hasi, bari bafise ikintu kanaka cabatera umunezero.» Emwe, ego, ndafiseIkintu kanaka kintera umunezero. Murabona? Murabona? Ego. Ego, twaratakaje igishikacacu.

Kanokanya reka dukirize gusa ibiganza vyacu. Amarira ntagire ico abatwara, nta nakimwe yonona, murabona. Ntababaza. «Uwugenda kubibana amarira, ata nkekaazogarukana urweze, azanye imikama yiwe myiza.»

Izina ryiwerishimwe! (Izina ryiwe ryiza!)

Izina ryiwerishimwe!

Ni h'amarasoyankoreye

Izina ryiwerishimwe

Izina ryiwerishi…(Ô Mana! Imana ishimwe!)

Izina ryiwerishimwe!

Shikana rwoRubuto mu mutima!

… Nih'amaraso yankoreye

Izina ryiwerishimwe!

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7